**Reverand Pasteur MUGISHA Pierre**
**+25769696365,+25779443928**
**epmlmumuco@gmail.com, mgshpierre@gmail.com**
**Bujumbura- Burundi**

# KAHISE K'ISHENGERO

**IBIRIMWO:** .......................................................................................1

IGICE CA MBERE: Kuva ku musi wa Pentekoti gushika kw'inagurwa………………...2

0. Intangamarara .........................................................................2

1. Ishengero ryo mu gihe c'intumwa ( 33 – 70 ): Kuva ku musi wa Pentekoti gushitsa ku guhona kw'i Yerusalemu ……………………………………………….3

2. Ihamwa no gutunganywa kw'ishengero ( 70 – 312 ): Kuva ku gutsindwa kw'i Yerusalemu gushika kw'ihinduka ry'umwami Konstantino ............….7

3. Ishengero ry'i Roma ( 312 – 590 ): Kuva kw'ihinduka rya Konstantino gushika ku gutsindwa kw'i Roma …………………………………………………11

4. Ishengero ryo mu myaka ya ( 590 – 1517 ): Kuva ku guhona kw'i Roma gushitsa ku kwitandukanya n'ubururongozi bw'i Roma .......………...........12

5. Ivyerekana ko ibintu vyari bikwiye guhinduka ( 1470 –1517 ) ..........……15

IGICE CA KABIRI Kuva kw'inagurwa gushika muri kino gihe...........................17

1. Martin Luther n'ivy'umuhari w'abaporoti ............................................17
2. Zwingli n'ihinduka ryabaye mu Buswise .............................................22
3. Ivy'umuwi wiswe aba «Anabaptistes» (batemera umubatizo w'abana)....23
4. Kalvin n'umuhari witiriwe izina ryiwe …………………………………………..23
5. Uwitwa Tindale (Tyndale) ……………………………………………………….24
6. Ihinduka ryabaye mu Bwongereza ....................................................24
7. Ihinduka ryabaye mw'ishengero Katolika ...........................................25
8. Inama nkuru yabereye i Trante (1545-1563) ......................................26
9. Imyaka 30 y'ingwano ........................................................................27
10. Ishengero rikwiragira mw'isi ...........................................................27
11. Ishengero mu gihe gishasha ca Pentekoti ..........................................32
12. Imiryango y'amashengero rukristo ....................................................34
13. Uburongozi bw'amashengero ............................................................35
14. Intahe zimwe zimwe za kahise k'Ishengero ryo mu Burundi .................37

Ibibazo vyo kwisuzuma...................................................................43
Ibitabo vyaseranguwe ....................................................................43

# IGICE CA MBERE: KUVA KU MUSI WA PENTEKOTI GUSHITSA KW'INAGURWA

0. **Intangamarara : Kubera iki icigwa ca Kahise k'ishengero?**

Abenshi mu bizera b'uno musi, nta kintu bazi ku bijanye n'ishengero kuva mu mpera y'igitabo c'Ivyakozwe n'Intumwa gushitsa igihe bihana. Bamwe bibaza ngo kahise k'ishengero gatangurira ku musi bakirijweko. Abakristo benshi ntibazi kahise k'ishengero kuva ku gihe ca Paulo gushitsa uyu musi.
Abakristo benshi baratangara basanze ko ibibazo duhura navyo uyu musi nka : "Twokwifata dute imbere y'inyigisho z'ibinyoma"? "Ni nde akwiye kugira ububasha n'ubushobozi mw'ishengero"? "Mbega ishengero ryocudika na Leta"? "Mbega twotaramura abasubiye inyuma"? n'ibindi bibazo urunganwe rwatwitangiye, rwarabiciyemwo.

Kahise k'ishengero ni ubutunzi budufasha mu bibazo vy'impwemu. Ni iragi ry'abantu b'Imana babayeho mu bwizigirwa imbere yacu.

Amakosa amwe amwe yakozwe ashobora kutwigisha mu bigeragezo duhura uyu musi. Intsinzi z'igitangaza bashitseko, ziradutera intege mu gihe ishengero riciye mu bihe vyo kwihebura. Ariko twogira ico twize kuri ibi vyose tuzi kahise k'ishengero.

Ishengero winjiriyemwo ku musi w'Imana uheruka, ivyizerwa wigishijwe, Bibiliya wajanye, indirimbo zo guhimbaza no gutazira waririmvye, ibi vyose vyateguwe n'abatwitangiye. Twarabikijwe n'abatwitangiye mu vy'ukwizera, dufise ideni ryo kwigira kuri bo no kugira ico dusigiye urundi runganwe ruzodukurikira Yesu agitebaganye.

Dukikijwe n'igipfungu c'ivyabona kinini nk'uko umwanditsi w'igitabo c'Abaheburayo (12:1a ), abivuga. Ico gipfungu c'ivyabona ni Abeli, Nowa, Aburahamu, n'abandi ba sogokuruza mu Mpwemu. Nk'uko iki kigabane cerekana kahise k'abo, reka natwe twige abantu, ibihe, ivyiyumviro, vy'abizera bo mu binjana ba kera, kugira ngo dusiganirwe ivyo twashizwe imbere nk'uko uyu mwanditsi abandanya avuga ( Abaheburayo 12 : 1b).

**1. Ishengero ryo mu gihe c'intumwa ( 33 – 70 ).** Iki kiringo Kiva ku musi wa Pentekoti gushitsa ku guhona kw'i Yerusalemu.

1.1.**Intango:Kuva ku musi wa Pentekoti gushitsa ku rupfu rwa Sitefano.**

Ni kuki ubukristo butagumye mu Bayuda gusa? Ni gute Mesiya w'umuyuda, yabwiye ubutumwa abayuda ivy'ubwami bw'Imana y'abayuda, yahindutse akamamazwa nk'Umukiza w'abantu bose, b'ibihe vyose, b'imico yose?

Inyishu y'iki kibazo iva mu nyishu y'ingene Isezerano rya Kera risobanurwa. Ni kubw'ibi na Sitefano yicishijwe amabuye. Abanyabwenge b'ivyanditswe b'abayuda bari bazi ko Imana yahaye abayuda Isezerano rya Kera. Abayuda babona ko ari ihanga ryatoranijwe n'Imana, ryahawe amategeko yo kwitondera muri ico gitabo.

Abakristo bo batahura ukundi. Uyu musore Sitefano yashingiye intahe Imana yerekana ko Mesiya yaje gushitsa ivyagezwe vyose. Kubw'ivyo, amategeko y'imigenzo yo mw'Isezerano rya Kera ntakituganza. Bamamaza ko Mesiya yari yitezwe ari Yesu, umwe yicwa nk'igisuma; yicwa n'Abaroma babisabwe n'abarongozi b'Abayuda. Sitefano co kimwe n'abizera bo mu gihe ciwe bamamaza ko Yesu yazutse kandi ko vyose vyari vyaravugishijwe.

Ni gute aba bizera bize uku gusobanura ivyanditswe mu buryo bushimitse, bushasha? Igitabo c'Ivyakozwe n'Intumwa igice ca 2 kidondora ingene Mpwemu Yera yasutswe ku ntumwa zari zikoraniye hamwe, haheze

amayinga indwi, Yesu amaze kuduga mw'Ijuru. Petero avuga ko icatumye Mpwemu Yera asukwa ari ukugira ngo vyamamazwe ko Yesu ari we Mwami na Mesiya.

Mu gitabo c'Ivyakozwe n'Intumwa igice ca 6:1, hatwereka amatati y'Abayuda badafise imico imwe. Abayuda b'inyamo bari abayuda bagumije imigenzo yabo, kandi baravyishimira. Aba bandi bari Abayuda bugururiye imigenzo y'Abagiriki mu migenzo yabo, nk'ururimi rwabo, n'iyindi migenzo y'ikigiriki n'ikiroma.
Ishengero ryatatuye ayo matati mu gutoranya abadiyakoni bazezwa ivy'ibikorwa bindi atari kugabura Ijambo ry'Imana. Ingaruka nziza ni uko ijambo ry'Imana ryamamajwe maze ishengero rirarwira cane. Ariko tubona ko igihe ihamwa ryaza, abayuda b'inyamo bashoboye kuguma i Yerusalemu ariko abantu bo muri uyu murwi wundi waciye uhunga i Yerusalemu.

**1.2. Abanyamahanga binjira mu bizera.** Ukwicishwa amabuye kwa Sitefano kwabaye intango y'ihamwa ry'abizera. Hari nko mu myaka ya 34, aho imigwi y'abantu, nka Sauli, bahama ishengero. Uretse intumwa zonyene abandi bose barashwiragijwe, mu Buyuda no muri Samariya. Iri hamwa ryahindutse irungikwa ry'abavugabutumwa n'itanguzwa ry'amashengero : I Samariya, Siriya, Damasiko, Antiyokiya, Taruso, Kuro, Egiputa. Muri Antiyokiya ni ho abigishwa batanguriye kwitwa "Abakristo".

Ukwihana kwa Paulo ( hari nko mu mwaka wa 35 ).

Paulo ni intumwa yafashije cane kugirango ubukristo bufate umurongo mwiza w'ivyizerwa. Imana yamutoranije ngo atware ubutumwa mu yindi mico, arengere icatandukanya Abayuda n'Abanyamahanga. Yari afise uburyo bwo gukorera iyi mico itatu: umuco w'abayuda, uw'abagiriki, uw'abaroma. Mu bayuda yari yarigishijwe neza Ivyanditswe na Gamaliyeli, yari umunyabwenge w'Ivyanditswe. Yavuga neza ikigiriki kandi yari amenyereye ivyiyumviro n'ibitabo vy'abagiriki. Yari yararonse ubwenegihugu bw'abaroma, bikamutuma aronka uburenganzira bwo kuvugana n'abantu b'imigwi yose.

**Ikibazo c'abanyamahanga** : Mu ntango z' igitabo c'Ivyakozwe n'Intumwa, abizera bari abayuda. Ibi birumvikana kuko Yesu yari umuyuda, abigishwa biwe bari abayuda. Ibi vyatuma abigishwa bibaza ko ubutumwa ari ubw'abayuda hamwe n'abanyamahanga bemeye gukurikiza imigenzo y'abayuda canke binjiye mw'idini y'abayuda. Igihe abanyamahanga batakebwe bizera, vyateye ikibazo : "Mbega abanyamahanga barashobora gukizwa"? Imana ica irahishura neza ko ubutumwa ari ubwa bose abayuda n'abanyamahanga. Kuva mu gice ca 9:32 gushika 12:25, Petero yarongorewe kuja kwa Koruneliyo, intwazangabo y'abasoda ijana, abwira ubutumwa abanyamahanga bahakoraniye buzuzwa Mpwemu Yera. Ni muri iki gihe ubutumwa bwashitse muri Antiyokiya, Kuro, Galatiya, n'ahandi.

**1.3. Ishengero ryaguka mu banyamahanga : Kuva ku nama nkuru y'i Yerusalemu gushika ku rupfu rwa Paulo ( 49-65 )**

Inama yabereye i Yerusalemu (Ivyakozwe n'Intumwa 15)

Mu rugendo rwa mbere rw'ivugabutumwa Paulo yagize, abayuda baranse kwizera aca yemezwa ko akwiye kujana ubutumwa mu banyamahanga. Abanyamahanga bamaze kuza mw'ishengero, haciye haza ikibazo c'ingene abanyamahanga bokwemerwa ko bakiriye agakiza. Iyi nama yarimwo abemeza ko umuntu adakebwe adashobora gukizwa, ariko bamaze kuvyihweza bemeza ko agakiza kaboneka mu kwizera Yesu gusa.

Urugendo mvugabutumwa rwa kabiri rwa Paulo mu banyamahanga
**( mu myaka 49-52 )** : Inyuma y'iyi nama, Paulo yajanye na Sila kuvuga ubutumwa. Paulo yumvise arongorerwa kuja i Buraya , ashika mu gihugu c'Ubugiriki. Umunyaburaya wa mbere yihanye ni Lidiya, umugore adandaza impuzu i Filipi (Ivyakozwe n'Intumwa 16:14). Paulo aca atanguza amashengero mu bisagara vy'Ubugiriki, nk'i

Atenayi, hanyuma ashika i Korinto atanguzayo ishengero. Inyuma y'amezi 18, Paulo aca agaruka muri Antiyokiya.

Urugendo rwa gatatu mvugabutumwa ( myaka ya 53-57 )

Muri uru rugendo, Paulo yatanguje ishengero muri Efeso amarayo imyaka ibiri n'amezi atatu yigisha, asigura ijambo ry'Imana. Mu gusubira inyuma aca aca mu mashengero yatanguje i Makedoniya, i Korinto, aca ashika i Yerusalemu.

Paulo afatwa, abohwa, ajanwa i Roma, urupfu rwiwe ( mu myaka ya 57-65 ).

Paulo ashitse i Yerusalemu yaciye afatwa, arapfungwa. Amaze imyaka ibiri mw'ibohero yarapfunguwe, mu nyuma arasubira arafatwa, aca ajanwa i Roma amara imyaka ibiri ( 61-62 ) arindiriye ko bamucira urubanza. Birashoboka ko yoba yararekuwe mu mwaka wa 62 aca asubira gufatwa mu mwaka wa 64, kuva ico gihe, nta yandi makuru ya Paulo tuzi. Bishoboka ko yapfiriye mw'ihamwa rya Nero i Roma mu mwaka wa 64 canke 65.

Muri ico gihe, ishengero ryari rimaze kwitandukanya n'imigenzo y'abayuda nko gukebwa, ivyo kurya, ivy'amasabato. Henshi mu bibanza vy'abakristo, bakorana ku wa mbere w'imisi indwi bagahimbaza Imana bayitazira, aho kubigira ku musi w'isabato kuko Yesu yari yazutse ku wa mbere w'imisi indwi.

**1.4. Isozera ry'igihe c'Intumwa : Kuva ku rupfu rwa Paulo gushika ku gusambuka kw'i Yerusalemu ( 65-70 ).**

Igihe Paulo yari akobeje avuga ubutumwa bwiza mu banyamahanga, ishengero ry'i Yerusalemu ryagumanye imigenzo y'abayuda. Imvo imwe y'iyi nyifato ni uko abayuda bizeye babona ko Mesiya yaje gushitsa ivyizerwa vy'abayuda. Iyindi mvo ni uko i Yerusalemu abarongozi bakuru bari bapfuye : Yakobo, umwe mu bigishwa ba mbere ba Yesu yapfuye mu mwaka wa 41, Yakobo, mwene wabo wa Yesu, bamwishe mu mwaka wa 62.

**Ugusambuka kw'i Yerusalemu ( mu mwaka wa 70 )** : I Palestina hama umugumuko, kuko abaroma bagomba ko bakurikiza amategeko yabo. Abapalestina nabo kuko bubaha Imana hari vyinshi batemera kuko bidahuye n'ukwemera kwabo. Ibi vyatuma abasoda b'abaroma babahahaza. Abaroma bararondera icitwazo ngo Abayuda bagumuke, bace babica. Mu mwaka wa 50, abayuda bangana hafi 30.000, bari baje guhimbaza Pasika, barabishe. Mu mwaka wa 64, umwami Florus yicishije abangana 3.300. Mu mwaka wa 66, ku ngoma ya Nero, yarungitse abasoda 60.000 barongowe na General Titus kuko abayuda bari banse gutanga ikimazi cashikanirwa umwami buri musi. Ugusambuka kw'i Yerusalemu kwasomborokejwe n'abayuda bo mu muhari w'abazelote bagomvye gukoresha inguvu mu kurwanya aba basoda b'abaroma. Nero yahavuye apfa yiyahuye mu mwaka wa 68. Mu mwaka wa 70, abasoda bazungurutse Yerusalemu, basambura urusengero, batwara nk'inyagano abantu baho, baturira amasinagogi.
Igihe umugumuko watangura mu mwaka wa 66, abarongozi b'ishengero bari babwiwe guhungira ku misozi miremire. Bamwe barizera ko ari bimwe Yesu yahanura bigira bishike, abandi nabo baguma i Yerusalemu ngo batabare bene wabo.
Umwaka wa 70 ni wo usozera igihe c'Intumwa kuko abenshi bari bamaze gupfa. Intumwa muri barya bagendanye na Yesu yapfuye inyuma y'izindi ni Yohana yari arongoye ishengero ryo muri Efeso, yapfuye mu mwaka wa 90.

Ico gihe imigenzo y'abayuda yari yamaze kuva mw'ishengero kuko basengera mu masinagogi (urusengero rw'i Yerusalemu rwari rwasambutse). Amacakubiri hagati y'abanyamahanga n'abayuda yari yavuyeho gushika aho uwahinduka umukristo yaba yemeye guheba imigenzo y'abayuda.

**2. Ihamwa no gutunganywa kw'ishengero (70 – 312).**

Ico kiringo kiva ku gusambuka kw'i Yerusalemu gushika kw'ihinduka ry'umwami Konstantino.

**2.1. Ishengero rikomeza kurwira no mu gihe c'intambara**

Ishengero ryatangujwe n'umurwi muto w'abayuda, maze rirarwira. Mu kinjana ca gatatu, ryaza ryamaze kuba ishengero ryemewe n'intwaro y'Uburoma, kandi mu bisagara bitandukanye ryariyo : Mu Bwongereza, mu Buperesi, no mu buraruko bwa Afrika. Ni kuki ishengero ryarwiriye ningoga? Vyatumwe n'imvo zikurikira:

- <u>Amasinagogi</u> y'abayuda yigishirizwamwo Isezerano rya Kera yaba arimwo abantu bubaha Imana bagaca batahura ubutumwa bwiza. Abayuda Imana yarabakoresheje mu gutegura ukuza kwa Mesiya, n'abanyamahanga baravugana n'abayuda bakumva ibijanye n'Ivyanditswe vyera.

-<u>Kwitwararika ibisagara</u>: intumwa Paulo yitwaririka gushikana ubutumwa mu bisagara binini binini mu nyuma ubwo butumwa bukazoshikira ibisagara bitobito. Inyuma y'ugusambuka kw'i Yerusalemu, Antiyokiya ni co cari ikibanza gikuru c'abakristo. Mu mwaka w'amajana atatu (300), iki gisagara cagira gatatu mu bisagara vy'ubwami bw'Uburoma, carimwo abantu ibihumbi amajana atanu kandi ica kabiri cabo bari abakristo. I Roma, mu mwaka wa 250, hariho abakristo barenga 30.000.

- **<u>Ibijanye n'ikibano n'imvo z'impwemu</u>** : Abizera benshi baba ari abakene, abashumba, abana, abandi baciye bugufi. Ariko hamwe n'ibi vy'ikibano, abavugabutumwa babuvugana ugushira amanga kubwa Mpwemu Yera. Ibi vyatuma bemera guhamwa kubwo gushingira intahe Kristo. Ikindi ni uko ubutumwa bwiza bwaruhuye imitima buhindura ubuzima bw'abizera. Ikindi ni urukundo rwaranga abizera. Baritwararika abakene, abapfakazi, impfuvyi, abapfunzwe, abarwaye. Ikindi kintu ni umutima wo kwihanganira ihamwa. Baratotezwa, bakagirirwa nabi, bakarekurirwako ibikoko ku bibuga, ariko bakihangana, bakanezererwa gukurikira Yesu muri iyo nzira. Abapagani benshi babarorera baca bavaho bihanye bakizera Yesu.

Iri shengero ryo mu binjana bitatu vya mbere ryarakengerwa cane, rigahamwa. Muri ivyo vyose, ryaranzwe n'ubumwe hamwe no kurondera imbere ya vyose ubwami bw'Imana.

**2.2. Ishengero rihamwa n'ubwami bw'Uburoma :** Ubwami bw'Abaroma bwararwanije ishengero rya mbere. Ivyatuma abakristo bahamwa vyari ibi bikurikira:

- Kuko bitandukanya n'ibigirwamana abandi basenga
- Abaroma basenga Umwami Sezari, abizera bagasenga Kristo, ivyo vyatuma haba amatati.
- Abaroma bibaza ukutari ko abakristo. Hari abavuga ko abakristo iyo bakoranye mw'isangira ryabo barya umubiri n'amaraso vy'abantu kandi ko basambana.
- Ukuri kw'inyigisho z'ijambo ry'Imana kwarahinyuza ibijanye n'ikibano. Mu Baroma abaja ntibababafata nk'abantu ariko bababafata nk'ibintu umuntu atunze. Ijambo ry'Imana rigaca rivuga ko twaremwe twese mw'ishusho y'Imana, ryaba rikoze ku kintu batagomba kwumva. Umugabo w'umuroma yari afise uburenganzira bwo kwica canke guheba umwana wiwe atakunze. Abaroma bibona ko bazi ubwenge bari hejuru y'abandi. Izi nyifato zose ijambo ry'Imana rirazicira urubanza. Abaroma rero barikeka nabi idini ry'abakristo na cane cane ko umukuru waryo bari bamuciriye urubanza bakamwica.

Ku ntwaro ya Domisiyano mu mwaka wa 81, irindi hamwa ryaraje. Uyu yategetse ngo bazohore bamwita : "Umwami n'Imana" ku ntwaro yiwe. Ni muri iki gihe ihamwa ryakomeye mu karere ka Aziya, kandi ni muri iki gihe Intumwa Yohana, mu butama bwiwe, yandika igitabo c'Ivyahishuriwe Yohana. Abakristo benshi barishwe kuko banse gusenga uwo mwami Domisiyano. Yohana ariko arandika yagereranya Uburoma nk'umumalaya anywa amaraso y'abera n'ayabahamwa bahorwa Yesu ( Ivyahishuriwe Yohana 17:1,6 ). Domisiyano yishwe n'abanka intwaro yiwe, bamwicira ku kirimba i we mu mwaka wa 96.

**Umumaratiri Polikarpe ( mu mwaka wa 155 )** : Polikarpe yari yubashwe, umutama w'umusenyeri w'ishengero ry'i Simuruna, muri Aziya. Yarabanye n'intumwa Yohana. Mu mwaka wa 155, igihe abakristo benshi bahamwa

bakicwa, i Simuruna, abantu baciye batangura kurondera Polikarpe umurongozi wabo. Abakristo, abagenzi biwe baramunyegeza ariko umwami arabatoteza kugeza bamwerekanye. Maze Polikarpe atahura ko akwiye guhangana n'iryo hamwa, aca aranka gusubira kwinyegeza, yemera gufatwa. Abarongozi bazana mu kibuga wa musenyeri w'umutama w'umwubahwa. Bari biteguye kumurekurirako intambwe zishonje, ariko umutware yibaza ko Polikarpe ashobora kwihakana ubukristo.

Amajambo yahavugiwe ngaya:

- Umutware aramubarira:"Wewe pfa kurahira kw'izina rya Sezari"
- Policarpe arishura:"Jewe ndi umukristo", "Nimba ugomba kumenya ico ivyo bisigura, mpa umunsi utege amatwi"
- Umutware aramubarira: "Ni wubahirize imyaka yawe y'ubutama". "Vuga uti ndiyamirije gusenga izindi mana".
- Polikarpe aca asonga urutoke abapagani bari bamukikije ati:" Ego, ndiyamirije abasenga izindi mana".
- Uwo mutware arongera aramubarira ashimitse: "Ihakane Kristo gusa nca ndakurekura".
- Polikarpe aramwishura, "Maze imyaka mirongumunani n'itandatu nkorera Kristo, kandi nta kibi yigeze ankorera. None noshobora gute kurogota ku Mwami wanje yancunguye?"
- Uwo mutware yongera kumugeza ukundi: "Ni wanka ndaguterera ibikoko" - Polycape aramwishura"Zana ibikoko vyawe".

-Umutware aramubarira: "Nimba ibikoko ubikengereye, ndaguturira ubona" - Polycarpe aramwishura: "Uriko urarondera kuntera ubwoba kubw'umuriro umara isaha imwe, ariko wibagiye wa muriro w'ikuzimu, udahera".

Hanyuma uyu mutware aca ahamagara abantu ati "Polikarpe agumye yemeza ko ari umukristo". Abari aho bayogorera rimwe basaba ko yokwicwa kuko ngo niwe se w'abakristo, kandi niwe yasambuye ibigirwamana vyabo. Polikarpe aca asenga asaba ngo urupfu rwiwe rube ishikanwa ryemewe, baca baramuturira.

**2.3. Ishengero ritunganya ivy'uburongozi :** Duhejeje kuvuga ibijanye n'imigenderanire yari hagati y'intwaro y'Uburoma hamwe n'ishengero. Ubu naho reka turabe ibijanye n'ivyizerwa.

Intumwa zashimikira ku vyizerwa vyerekana ko Kristo ari umwana w'Imana, ko yapfuye akazuka, ko ari umucunguzi wacu. Ariko hari inyigisho zizimiza zariho ico gihe:

- Imigenzo y'abayuda. Hari abitwa "Judaïsans", bemeza ko kwizera Yesu vyonyene bidakwiye ngo umuntu yemerwe ko yakijijwe. Bavuga ko hategerezwa kwongerwako kwubahiriza imigenzo y'abayuda.
- Uwundi murwi witwa "Docetisme" nabo bigisha ko Yesu ataje ari mu mubiri, ko atababajwe.
- Uwundi murwi wari ikivangi c'ivyizerwa rukristo n'igipagani ( Synchretisme ).

-Uwundi nawo ni "Gnosticisme", aba bashimikira ku vyiyumviro bihakana, birwanya inyigisho za Kristo. Bagomba kwerekana ko hari agakiza k'impwemu bakabishira mu bwenge buhanitse, bakirengagiza ivy'umubiri. Baca bemeza ko bahishurirwa amabanga arengeye abakristo basanzwe.

**Intambara yo kuzigama Ivyanditswe Vyera** : Iyi nyigisho izimiza duherejeko yatumye abarongozi biyumvira icozigama ishengero ngo ntirizimire. Baca basanga ari ukwatura ivyizerwa rukristo hamwe no kuzigama neza Ivyanditswe. Ikibazo cari ico kumenya Ivyanditswe Vyera mu bindi vyanditswe vy'abayuda. Twibuke ko abakristo basoma Isezerano rya Kera ariko bashinze ijisho kuri Kristo, nk'uwashikije ivyanditswe. Ibijanye n'ingene Ivyanditswe Vyera vyemejwe twarabibonye mu cigwa ca kabiri : Ivyandiswe Vyera n'incamake y'Isezerano rya Kera.

Ubushobozi bw'abasenyeri

Mu kurondera ko ishengero rigumana ubushobozi bw'impwemu, ishengero ryibajije ingene intumwa zasubirijwe. Abo mu kinjana ca kabiri bavuga bati Yesu yahaye ububasha intumwa nkeya ngo zirongore ishengero, rero izo ntumwa nazo zaratoranya abazozisubirira. Baca bibaza ko abasenyeri basubiriye intumwa

bafise ububasha nk'ubwa za ntumwa. Mu nyuma, abasenyeri bamwe bakoresheje ubu bushobozi mu gutwara abandi nabi.

Ugusubira inyuma kw'abakristo mu myaka ya 200

Muri iki gihe abasenyeri bitayeho ubushobozi, n'icubahiro c'abantu, maze ishengero rija mu ntege nke. Ibi vyabonetse ingene ishengero ryafata abantu baguye mu vyaha. Mu kinjana ca mbere umuntu yava mu vyizerwa, canke agasambana, canke akica yaca ataramurwa mw'ishengero ntaje ku meza y'umwami. Ariko iyi ngingo yatanguye kudakurikizwa mu myaka ya 200-250, ihamwa ryagabanutse.

Umusenyeri w'i Roma Karistusi ( 217-222 ) ni we yatanguye kwemerera abakoze ibi vyaha kuguma mw'ishengero, ati: "Ishengero ry'Imana ni nk'ubwato bwa Nowa, bwarimwo ibikoko bihumanye n'ibidahumanye".

Mu mwaka wa 250, hatwaye umwami Desiyusi ( 249-251 ) , yabona ko ingorane zose z'abaroma ziterwa n'abakristo, ategeka ko abantu bose bosereza imibavu ibigirwamana. Abanka bose baca bicwa. Muri ico gihe abakristo benshi baranse kwicwa bihakana ubukristo ngo bakize amagara yabo.

**Ibituma ishengero ryezwa :** Ukwera kw'ishengero ntikuzanwa n'abantu ariko kuzanwa na Mpwemu Yera ari mu bantu bubaha Imana. Ni Mpwemu Yera avugira mw'Ijambo ry'Imana no mu mitima yacu ashoboza ishengero kwezwa muri ino si iriko irahona.

**3. Ishengero ry'i Roma ( 313 – 590 ).** Iki kiringo kiva kw'ihinduka rya Konstantino gushika ku gutsindwa kw'i Roma.

**Intsinzi y'ubukristo :** Uguhinduka umukristo kw'umwami Konstantino kwabaye ikintu gikomeye muri kahise k'ishengero. Ishengero ryavuye mu bibanza vyinyegeje vyo gukoraniramwo rishika ku birimba. Riva mu guhamwa ricika ishengero ryemewe ry'ubwami bw'abaroma.

Ariko iri hinduka ryabayemwo umuhezagiro n'umuvumo. Ryaciye rivanga uburongozi bw'ishengero n'ubw'igihugu. Abakristo bamwe ntibakunze iyi nyifato, haca havuka ibigo vyo kwiherera ( les monastères ).

Mu myaka ya 200-300, Uburoma bwagumanye intambara. Abami mirongwitatu baratwaye muri iki kiringo. Benshi barahamye ishengero. Uwitwa Diocletien yatwaye mu myaka 284-303 niwe yagabuye Uburoma mu migwi ine kugira ngo agabanye intambara, ariko yategetse ihamwa ry'abakristo, ko bicwa , bagaturira Ivyanditswe n'amasinagogi yabo.

Mu nyuma niho uwitwa Gareriyusi yatwaye mu myaka 303-311, ni we mu gupfa yasize yemeje ko abakristo bashobora gukorana bagasenga, ihamwa rica rirahagarara. Yari afise ivyegera bine. Umwe muri bo yari Konstantino. Baca barwanira ubwami. Intambara itararangira, Konstantino arota abona igishusho c'umusalaba mu bicu canditsweko « Muri iki gicapo, intsinzi ». Mu gitondo cakurikiye, 28/10/312, yaciye ategeka abasoda biwe gushira ikimenyetso c'abakristo ku birwanishwa vyabo no ku madarapo yabo. Aca yizera ko aza kunesha, ni ko kuja mu rugamba, aca aranesha. Konstantino aca abona ko yanesheje kubera ububasha bwa Kristo n'ubw'idini y'ubukristo. Aca acika umwami w'Uburoma. Mbega yoba yarakijijwe ? Mu vy'ukuri, kahise kemeza ko yagumye asenga ibigirwamana. Ariko mu mwaka wa 312, yaragiriye ubuntu bwinshi abarongozi b'ishengero. Yemereye abapasitori kudatanga ikori, akuraho kwicisha abakristo, aca yemeza ko ku musi abakristo bakoranirako ari umusi w'akaruhuko. Amashengero meza arubakwa, kandi Konstantino yaratanga n'umutima ukunze amahera yo gushigikira ivyo bikorwa. Yarereye umuryango wiwe mw'ishengero. Yahavuye abatizwa mu mwaka wa 337. Kuva ico gihe yagumye yambaye ikanzu yabatiririjwemwo, akura iy'ubwami gushika ku gupfa kwiwe.

**4. Ishengero ryo mu myaka ya ( 590 – 1517 ).** Iki kiringo kiva ku gutsindwa kw'i Yerusalemu gushitsa ku kwitandukanya n'uburongozi bw'i Roma.
Mu mwaka wa 590, Roma yagize ivyago. Igisagara cari giteye igomwe cahindutse ubugaragwa. Hateye akaranda k'ingwara, yandukira. Uwa mbere yayirwaye yatanguye gutoboka umuhogo, aca atondwako n'ibihere vyirabura, araremba gushika aho apfa. Abishwe n'iyo ngwara babaye benshi. Abandi barasara mu mutwe. I Roma hasigara abantu bake, n'umupapa yari arongoye ishengero ry'i Roma, Pelagius II, yicwa n'iyo ngwara. Ntawemeye kumusubirira, maze haheze amezi atandatu, barondera ku nguvu Gregoire aca aremera n'aho yari yabanje kwinyegeza.

Gregoire yabona ko aronse igihano mu kuja muri ayo mabanga. Ariko yaciye yitaho kugarukana urutonde mu kibano, mu kugaburira abakene, kwubaka ivyasambutse no kunagura imiringoti y'amazi meza. Ico bamwankiye ku bijanye n'inyigisho ni uko yafata ko inyigisho z'uwitwa Augustino ata makosa arimwo. Nk'akarorero, ni we yavuze ivy'ipurugatori, maze Gregoire aca aravyemeza. Inyigisho ziwe zari zirimwo uruvangi, nk'ivyo kwibabaza, kwitaho aboro ko ari uburyo bwo guharirwa ivyaha. Amaze gupfa, mu mwaka wa 604, abantu baravuze ko uburongozi bwiwe bwarimwo ubukerebutsi ariko kandi, yari afise uruhara runini mu vya Politike. Mu bisagara vyinshi harabaye uguhinduka baja mw'idini rukristo ariko badahindutse mu mitima, kugira ngo banezereze abarongozi. Abarongozi bamwe bamwe batangura gutandukana bivanye n'ivyo bizera. Abaroma b'i Buraruko bafata Imana nk'umucamanza. Ab'i Buseruko, bashimikira ku kugene Imana y'inyarukundo, yihinduye umuntu. Aba ni bo bahavuye bazana ivyo gusenga uciye ku bishushanyo, maze inama nkuru yabaye mu mwaka wa 787 iravyemeza.

**4.1.Ishengero ryicamwo kubiri mu mwaka wa 1054 :** Gushika muri ico gihe, uburongozi bukuru bw'ishengero bwari bwimukiye muri Konstantinople, igisagara cubatswe na Konstantino. Mu mwaka wa 1048, Umusenyeri Bruno w'i Roma yatowe ngw'abe umupapa, aca agomba ko uburongozi bwiwe buba hejuru y'ayandi mashengero yose. Umusenyeri w'i Konstantinople aca aranka. Bruno arungika umuKaridinali Humbert ariko aramwima ijambo. Maze Humbert aca yinjira imisa igeze hagati akubitisha wa musenyeri igitabo ca Papa, nk'ikimenyetso c'uko bamutaramuye. Iyo nyifato niyo ntango y'ugutandukana kw'uburongozi bw'i Buraruko ( Abakatolika) n'i Buseruko ( Aba Orthodoxes). Ishengero ry'i Buseruko ryaratewe cane n'inyigisho zitandukanye, gushika n'aho aba Islamu baryigaruriye mu mwaka wa 1453.

I Roma, ishengero Katolika ryagumyeho ariko uburongozi bwaryo bwari bwivanze n'ubw'igihugu. Maze mu mwaka wa 1059, niho haba ikanguro, muri Monastere y'i Clun, bashinga ko abapatiri batarongora kugira ngo abarongozi ntibasubire gusubirirwa n'abana babo nk'uko vyari bimaze igihe bimeze. Bongera biyamiriza gutanga igiturire ngo umuntu aje mu burongozi ivyo bari bataziriye ubusimoni bafatiye ku witwa simoni wo mu gitabo c'Ivyakozwe n'Intumwa 8 : 925). Bagomba ko ishengero ryivangura maze umupapa akitaho uburongozi bw'ishengero. Ku mupapa Gregoire VII ( 1073-1085 ), uburongozi bw'umupapa bwaragize ububasha batahura ko ububasha bw'umupapa burengeye ubw'umwami. Akarorero mu mwaka wa 1077, Papa Gregoire yataramuye umwami w'Ubudagi, Henri IV, kuko yari yagomvye kwinjira mw'itorwa ry'umurongozi w'ishengero. Uyu mwami acishwa bugufi imbere ya Papa. Ibi vyahavuye bituma ishengero rifata inzira y'umugumuko: intambara hagati y'abakristo n'aba Islamu ( croisades ).

**4.2.Intambara nyeranda :** Hagati y'imyaka 1100 na 1300 habaye ico bise "intambara nyeranda" zishika munani. Intumbero zari izi zikurikira:

- Kurwanya aba Islamu kuko batera ubwoba igisagara gikuru Konstantinople
- Kuzigama ubwami bwatwara ico gihe ( Bizantine ), bwakorana na Katolika
- Kwunga ubumwe bw'amashengero y'Uburaruko n'Ubuseruko
- Kugarukana ibibanza vyeranda Islamu yari yarabanyaze
- Kuronka uburenganzira bwo kuja mw'ijuru udaciye mw'ipurugatori.

Ariko wihweje ingaruka z'izi ntambara, icigwa twokuramwo ni iki:

- Ugushikama kw'abakristo ntiguhagaze mu kwigarurira ubutunzi, ibibanza n'ubushobozi.
- Inkota ntizigera iba ikirwanishwa Imana ikoresha mu kwagura ishengero rya Kristo.

**4.3.Intango yo guhingurwa kw'ishengero :** Hagati y'imyaka ya 1200 na 1500, ibintu vyatanguye guhinduka. Abakristo bagize inyota y'ukuri, banagura imigenderanire n'Imana. Ariko abarongozi bo baguma batoza amahera mu bakristo bongera bicamwo kubiri. Mw'ishengero hari akarenganyo ariko Imana yari ifitiye umugambi mwiza ishengero.

**4.4.John Wycliffe n' ihindurwa rya Bibiliya mu Congereza** : John Wycliffe yari umwigisha w'icigwa ca Filozofi muri Kaminuza y'i Oxford, Imana imuhamagarira ku gutahura ivy'ishengero. Yigisha avuga ko ishengero atari inyubako, atari Papa, n'amasakaramentu ahubwo ari abo bantu bose bizera Kristo, bakavyerekanisha ubuzima butunganye. Ati abanyeshengero bose bakwiye gusoma Bibiliya bakayitahura. Ariko amabibiliya yariho ico gihe yari mu rurimi rw'ikiratini, agakoreshwa n'abapatiri gusa. Yaciye atangura guhindura Bibiliya mu congereza na bagenzi be kuko yavuga ati :"Yesu yigisha mu majambo yumvikana, none kuki ubu ho bitogenda gutyo"? Benshi baramushigikiye ariko abarongozi b'ishengero baca bamwagiriza ko yigisha ibinyoma. Yapfuye mu mwaka wa 1384, n'ingwara ya giturumbuka, maze bagenzi we baca barabandanya ico gikorwa co guhindura Bibiliya mu Congereza. Inyigisho za Wycliffe zarabandanije zishika mu gihugu ca Cekoslovakiya. Uwitwa John Hus arazitahura atangura kwigisha ko kwizera Yesu ari kwo gukiza umuntu atari Papa w'i Roma. Abantu baramurwanya, ariko we avuga ko umuntu yokwumvira umurongozi w'ishengero mu gihe ahuza na Bibiliya. Mu mwaka wa 1415, abarongozi baramupfungishije bagomba ko ahindura ivyiyumviro aca avuga ati:"Ndi imbere ya Yesu, ndazi ko aca imanza adafatiye ku vyabona vy'ibinyoma, canke ku nama nkuru zibesha, ariko acisha imanza ukuri n'ukugororoka". Abarongozi baca bamushira abasoda ngo bamwice. Bariko baramuboha ngo bamuturire, Hus aca arasenga ati:"Mwami Yesu, ndagusavye ugirire imbabazi abansi banje". Yapfuye ariko araririmba amazaburi. Iyo nama nkuru yagenye ko Hus aturirwa ica isaba ko abarongozi b'ishengero ryo mu Bwongereza bozura amagufa ya Wycliffe bakayaturira kugira ngo bapfe co kimwe na Hus. Twomenya ko kuva mu mwaka wa 1934, hari Ishure Kaminuza yashinzwe yitiriwe Wycliffe yo guhindura Bibiliya mu zindi ndimi.

**4.5.Erasme bo n'Isezerano Risha mu Kigiriki :** Mu mwaka wa 1453, igisagara ca Konstaninople caratewe kiraneshwa, abantu baho barahunga. Ico gihe abantu baca batangura kwitaho ururimi rw'ikigiriki n'umuco w'Ubugiriki. Ni muri iki gihe uwitwa Erasme, kuko atari afise amahera yo kwiga kaminuza, ariko yifuza kuba umupatiri, yatangura kwiga ikigiriki. Yari afise inyota y'ukubona ihinduka mw'ishengero rya Katolika. Intererano ya Erasme ni uko yamaze igihe kinini ahindura Bibiliya mu kigiriki maze asozera ico gikorwa mu mwaka wa 1516. Ibi vyatuma abize, abazi ikigiriki bashobora kuyisomera.

4. **6.Ishengero ryari rikeneye kunagurwa :** Mu myaka ya 1450, haje igihe bitiriye "kwiyubura" ( renaissance ). Iki gihe catumye Uburaya buhinduka mu binjana bibiri vyakurikiye. Bwatanguye kwitaho ubushakashatsi, buca buratunga cane ariko bwarangwa n'ubukozi bw'ikibi. Ariko ishengero Katolika ( kuko niryo ryari i Buraya ), ryo ryari ryatwawe n'ivyubahiro n'ubutegetsi.

5. **Ivyerekana ko ibintu vyari bikwiye guhinduka** ( 1470 –1517 )

**- Abarongozi bari basubiye inyuma** : Ishengero ryari ryiciyemwo ibice, ryari ryagiye mu ntege nke kubera amatati yari mu kuniganira uburongozi. Umuzi wa vyose wari uko abizigizwa uburongozi bw'ishengero bakunda amahera, ubutegetsi gusumba uko bakunda Kristo. Aho gukorera abandi nk'uko Kristo yabikoze, baja mu burongozi ngo abandi babakorere ( Mariko 10:45 ). Uburorero bukurikira buravyerekana:

Mu mwaka wa 1471, Papa Sixtus VI, yatanze amahera ngo ashikire ayo mabanga, aca yemerera abasenyeri ingabire no gutoneshwa. Uyu mupapa yashize abo mu muryango wiwe mu burongozi. Intumbero yiwe kwari ugutungisha ab'iwabo. Abo bakorana baricishije abantu benshi.

Mu mwaka wa 1484, hatowe umupapa Innocent VIII, asezerana kurandura ububi bwaranzwe n'abo yasubiriye mu kwiyubara gushira mu burongozi abo mu muryango wiwe. Ariko aca avuga ko ata muntu yemerewe kubaza ikintu ku ngingo yafashwe n'umupapa. Uyu mupapa yaramamaye ko yishimira abana benshi yavyaye ku bagore batandukanye.

Mu mwaka wa 1492, hatowe uyundi mupapa Alexandre VI, uyu yakoze ibibi vyinshi. Nta caha yatinya gukora, bari bamuciyeko umugani ko yodandaza impfunguruzo za Alutari, ko yokaba Kristo mu kibanza c'inyungu ziwe. Yari yarahinduye abagore bakora ku kirimba ciwe bacika abiwe, abavyarako abana kandi yarabemera. Vyaravuzwe ko yoba yishwe n'uburozi yari yateguriye uwundi muntu aca arihenda araburya.
Mu mwaka wa 1503, hatowe Papa Julius II, yamenyekanye ko yatwaza umukazo. Yateguye abajejwe umutekano bakomeye kugeza aho bashobora gutera intambara bakica abantu.
Mu mwaka wa 1513, hatowe Papa Leon X, uyu yitwararitse kwubakisha i Roma, urusengero rurangiranwa "Basilic Saint Pierre". Uru rusengero rushobora kwinjiramwo abantu ibihumbi mirongwitandatu. Ingorane yiwe yari iyo kwegeranya amahera yo kwubakisha urwo rusengero. Nikwo guca atangura gutangisha amahera ku bantu baje gusenga, baje gusaba imbabazi,… . Abantu batanga amahera n'ivyo batunze ngo banezereze Imana. Ishengero rica ryiyegeraniriza ubutunzi gutyo.

Uko abapapa bigenza nabi, bagakora ivyaha, niko abo barongoye biyanduza, bagakora ibibabaza Imana. Abapatiri n'aho bari biyemeje kutarongora ngo bubake izabo, bavyara abana mu mpisho. Abarongozi bagendera mu vyaha ku mugaragaro.

- Inyigisho zarimwo ibinyoma

Si uburongozi bwari bukeneye kunagurwa bwonyene. Mur'iki gihe citiriwe "Kwiyubura" ( renaissance ), abize benshi bari babonye ko ivyizerwa vy'Ishengero bikeneye gusubirwamwo.

Kuva mu mwaka wa 1453, abanyeshure barangije za Kaminuza mu buseruko bw'Uburaya, baje mu buraruko bazananye Ivyanditswe Vyera mu rurimi rw'ikigiriki. Ibi vyanditswe vyarimwo ubwizigirwa gusumba Ivyanditswe vyo mu rurimi rw' ikilatini abapatiri bakoresha aho mu buraruko.

Kuva ico gihe, abize bo muri ayo mashengero batangura kubona ko Ivyizerwa vy'Ishengero bikwiye guhagarara ku Vyanditswe Vyera aho guhagarara ku migenzo. Nta gihe kinini cari giheze uwitwa Wycliffe na Hus bishwe bahorwa ko bahariye ku migenzo y'ishengero. Ariko mu mwaka wa 1500, ku muntu wese yari azi gusoma, Ivyanditswe ubwavyo vyaragaragaza ko hakenewe inagurwa ry'ishengero.

- **Ishengero ryari ryahemukiye abakene** : Mu kinjana ca cumi na gatanu, igihe abadandaza, abatware, abarongozi b'ishengero bari biyegeranirije ubutunzi, abandi bantu bagumye bakena cane. Abatari muri iyo mirwi, abarimyi bakorera abandi, ishengero ryari ryabateye umugongo ritwaza agahahazo nk'abandi batwara igihugu. Hari aboro bamwe bamwe bagumuka. Abantu benshi bari banyotewe ko ishengero rinaguka ngo bahembuke.

Muri make, mu buseruko, ishengero ryari ryasubiriwe n'aba Islamu. Muri Palestina na Egiputa hariyo amasigarira y'ishengero ariko ivyo bihugu vyatwarwa na Islamu. Mu buraruko, ahitwa ko hari hasigaye ishengero, ryari ryononekaye mu burongozi, mu nyigisho no mu kibano. Ariko Imana ntiyari yahevye ishengero ryayo.

**Muri ico gihe hari ivyatumye ihinduka ryoroha gushika**: Ivuka ry'umurwi w'abantu bahisemwo kurengera ibiriko biraba, bahitamwo kwegera Imana, no guhinduka. Bari bafise icivugo :"Urukundo no gukorera Imana".
Abanyabwenge bashikirije ivyiyumviro vyabo mu nyandiko, mu bitabo berekana amakosa ariko arabera mw'ishengero. Umwe muri aba ni Erasme ( 1466-1536 ).

## IGICE CA KABIRI : KUVA KW'INAGURWA GUSHITSA UYU MUSI

**Martino Luteri ( 1483-1546 )**

Luteri yavutse mu mwaka wa 1483, mu gihugu c'Ubudagi. Se wiwe yari umurimyi, mu nyuma arahindura aja gucukura ubutare, aca aratunga. Yareze umuhungu wiwe amutoza indero, amuhana cane. Yamurihiye amashure meza ngo azobe umucamanza.

Umusi umwe avuye kw'ishure mu mwaka wa 1505, yakubiswe hasi n'umuco mwinshi, agira ubwoba yibaza ko Imana yamushavuriye. Aca avuga n'ijwi rirenga asezeranira umurongozi w'ishengero rya Katolika ry'aho yaba ko ni yarokoka azoba uwihebeye Imana. N'ubwo abavyeyi biwe bagomba ko aba umucamanza, Luteri yaragumije iryo sezerano, aja kwigira ubupatiri. Yumva yemejwe ko ari co Imana yamuhamagariye. Kenshi Luteri yaribabaza ngo ashimishe Imana. Luteri yarakunda kwiyagiriza ivyaha akaguma agenda kwa patiri gusaba imbabazi. Yagumana ikibazo c'ivyo yokora ngo ababarirwe, yemerwe n'Imana.

**1.1. Ivy'inyigisho za Bibiliya zavumbuwe na Luteri :** Luteri yari yanonosoye ivyigwa vya Kaminuza mu vy'ubucamanza. Hanyuma aronka urupapuro rw'umutsindo rwa Doctorat muri Filozofi no muri Teologiya. Umurongozi wa Luteri amaze kubona ubwenge buri muri we, yaciye amugena kuja kwigisha Bibiliya muri Kaminuza nshasha i Wittenberg. Iki gikorwa camuteye gufata umwanya wo kwiga neza Ivyanditswe. Ariko ariga ku majambo Yesu yavugiye ku musalaba, yaragize ubwoba. Ayo majambo yari :" Mana yanje, Mana yanje, ni iki kikumpebesheje"? Luteri yibajije ati, "None ko Yesu ata caha yari afise, akumva Imana yamuhevye, jewe, kuko ndi umunyavyaha, ikimbereye n'ukurakirwa n'Imana". Akiriko aribaza kuri Kristo, aca atahura ko Kristo yishushanije n'umubiri w'umuntu. Ati kumbure Kristo yasangiye n'umuntu "guhebwa" n'Imana kubera icaha, maze Kristo yishirako igihano c'icaha.

Mu mwaka wa 1515, Luteri yariko aritegurira kuja kwigisha ku gitabo c'Abaroma. Aca ashika mu Abaroma 1:17, "Kuko mu butumwa bwiza ariho ukugororoka kuva ku Mana guhishurwa, guheshwa n'ukwizera, kukagwiza ukwizera, nk'uko vyanditswe ng'umugororotsi azobeshwaho n'ukwizera".
Luteri amara igihe kinini yibaza ku nsiguro y'uwo murongo. Hanyuma ahishurirwa ukuri kw'Imana ko ukugororoka tuguhabwa n'Imana kubw'ubuntu n'imbabazi zayo biciye mu kwizera. Aca avuga ati :"Kuva ico gihe naciye numva umenga meze nk'umuntu avutse gushasha, nk'umuntu ariko aragendera mu nzira iramvuye ija muri Paradizo".

Amaze gutahura ko twatsindanishirijwe n'ubuntu kubw'ukwizera Kristo, yaciye amenya ko Katolika yariko irigisha ibinyoma ku bijanye n'agakiza : kuko yigisha ko agakiza kazanwa n'ukwizera hamwe n'ibikorwa vyiza. Luteri yongera abona kandi ko ata kamaro ko gucisha amasengesho ku beranda, kuri Mariya, ku bapatiri ngo badusabire. Abona ko Ijambo ry'Imana ryigishijwe neza, ariryo rigaburira abantu bagakura mu Mana. Aca atahura ko ivy'uko Katolika ariyo icungereye umuryango w'ijuru (abantu b'i Buraya bari baravyizeye ibinjana vyinshi) ari ikinyoma.

**1.2. Uko Luteri yiyonkoye ku burongozi bwa Papa** : Luteri ntiyagomba kuvana n'ishengero rya Katolika, ntiyagomba kugumuka kuri Katolika, yifuza ko hoba ihinduka muri Katolika, aca atangura kubaza ku rudandaza rubera mu cemerezo kwa Patiri, "gutanga amahera ngo ubabarirwe." Ibi vyagumye ari isoko y'ubutunzi bw'abapapa. Ayo mahera bayita indurujensiya ( indulgences ). Barashobora no kuyatanga ngo umuntu yapfiriye mu vyaha, ari mw'ipurugatori, aveyo. Umupapa umwe yavuze ati: "Amasengesho kanaka, agiriwe mu bibanza bimwe bimwe, ashobora kwimura umuntu akava mw'ipurugatori, akaja mw'ijuru." Rimwe na rimwe umupapa yararungika abigisha gutoza bene ayo mahera, bakayegeranya bataravye ko nyene kuyatanga yigaye ku vyaha vyiwe.

Luteri aca atangura kwigisha yiyamiriza bene urwo rudandazwa. Mu mwaka wa 1517, inyigisho ziwe zari zimaze kunyura abantu, niho umurwi urungitswe na Papa Leo x, baza gutoza amahera yo gusozera inyubako ya rwa

rusengero rurangiranwa Katedrale yitiriwe Petero Mweranda y'i Roma. Uyu murwi wari urongowe na John Tetzel. Uyu yigisha yemeza ko abantu baza gutanga amahera baza gutuma ababo bari mu muriro baja mw'ijuru. Yari afise icivugo kivuga ngo: "Niyo ikingorongoro c'amahera cakorokera mu nkoko, ijwi ryaco riza kujana n'umutima uvuye mw'ipurugatori". Luteri aca abona ko Tetzel ariko arahenda abanyagihugu. Aca ategura urwandiko mu rurimi rw'ikiratini rwerekana ivyizerwa birwanya urwo rudandazwa. Kuko yagomba ko abantu bagira ico babivuzeko, Luteri aca yandika ingingo mirongwicenda na zitanu ( 95 ) aca azimanika ku miryango minini y'imbaho y'ishengero ry'i Wittenberg, aho bamanika amatangazo. Ico gikorwa nico cuguruye inagurwa ry'Ishengero. Iyo ni nayo ntango y'Abaporoti, hari kw'igenekerezo rya 31 / 10 / 1517.

Buno nyene ivyo vyete baca barabifotora, barabihindura mu zindi ndimi babikwiragiza mu Budagi. Iyo nkuru ishikira Papa aca akoranya inama, avuga ko umuntu wese aharira ku vyerekeye indurujensiya aba acitse umwigisha w'ibinyoma. Iyo nama y'i Vatikano nta Vyanditswe yisunze mu kuvuguruza ivya Luteri, ariko yishimikije ububasha bw'ishengero Katolika.

Mu mwaka wa 1519, abarongozi b'ishengero rya Katolika barungitse uwitwa John Eck guharira no kugarukana Luteri. Bamaze imisi cumi n'umunani baharira. Bimwe mu vyo Luteri yavuga batahuza ni nk'ibi :

- Agakiza kaboneka mu kwizera Kristo gusa.
- Ivyanditswe ni vyo rufatiro rwo kwizera, n'urw'ubuzima rukristo, si Papa, si amanama, si imigenzo y'ishengero.

Luteri yari ashikamye kandi igihe ciwe nticari coroshe. Twibuke ko Hus yari yaturiwe ahorwa ko yavuze ko Ivyanditswe bisumvya ububasha imigenzo y'ishengero.

Inyuma y'uko guharira, John Eck yaciye atanga raporo i Roma ko Luteri ari umwigisha w'ibinyoma. Luteri akomeza yigisha ko Ivyanditswe vyerekana ko abizera ari abaherezi, ko bategerezwa gushikana ibimazi vyabo ku Mana ata muntu baciyeko. Luteri aca yandika igitabo gisigura ivyo Imana yamuhishuriye abikwiragiza mu Budagi. Ikindi Luteri yavuze ni uko abizera bose, bari mu bikorwa bitandukanye bakorera mu kibano, ari abakozi b'Imana, abera b'Imana.

1.3. Luteri yubakana na Katerina Von Bora mu mwaka wa 1525

Mu mwaka wa 1520, Papa Leon X yatangaje ko aciriyeko iteka Luteri kubera inyigisho ziwe, yongera atanga itegeko ko ivyandiko vyiwe biturirwa. Mu nyuma Leon x asaba Luteri ko yokwumvira uburongozi bw'i Roma. Amuha imisi mirongwitandatu ngo bitabaye uko aca amutaramura mw'ishengero yongere atangaze ko Luteri acitse ikivume. Mu bibanza bimwe bimwe baraturira ibitabo vya Luteri, ahandi naho bashigikira Luteri bakabibika. Luteri amaze kwumva iyo nkuru aca araturira ibitabo vya Papa birimwo inyigisho z'ibinyoma. Kuv'ubwo Luteri yitandukanya burundu n'uburongozi bw'i Roma.

Ico gihe umwami Charles V atumako inama y'abatware hamwe n'abarongozi b'ishengero ngo bige ikibazo c'umupatiri yagumutse. Bamubaza ko yokwihana ivyo amaze igihe yigisha, aca avuga ati:"Ivyiyumviro vyanje vyaramaze kuba imbohe y'Ijambo ry'Imana. Sindabihakana kandi sinzovyihakana kuko nta mutekano bizana guhakana ivyo wemejwe mu mutima. Ehe ndemanze, nta kundi nshobora kugira, mfasha Mana. Amen." Umwami aca abona ko Luteri yagararije ubutegetsi bw'ishengero n'ubw'igihugu. Aca ashigikira ko ibitabo vyiwe vyokwibagirwa abamushigikiye nabo bagacibwa nka Luteri. Icatumye Luteri badaca bamufatira aho nyene mu nama ngo bamugirire nabi ni uko yari afise abagenzi bakomeye mur'iyo nama nyene. Umwe mu bagenzi biwe yari Ferederiko Umunyabwenge (Frederick the Wise), aca arondera uburyo bwo kumunyegeza. Umwaka waheze abantu bibaza ko yapfuye, ariko yariko arahindura Isezerano Risha arikura mu rurimi rw' ikigiriki ashira mu rurimi rw'ikidagi. Iryo hindurwa ry'Isezerano Risha ryatumye Abadagi bahingura ururimi rwabo, vyongera bifasha Abadagi ingene bahimbaza Imana gushika ku runganwe rwagiye rurakurikira.

Igihe Luteri yari yinyegeje, umugumuko warateye i Roma. Abapatiri n'ababikira bakura ibishushanyo mu masengero, abandi bava mu bigo vyabo baja kurongora no kurongorwa. Abantu bamwe bihakana ingingo umwami yafashe ku bijanye n'inyigisho za Luteri.

Mu mwaka wa 1522, Luteri yagarutse i Wittenberg aca atangura inagurwa ry'inyigisho z'impwemu zabaye urufatiro mu mashengero menshi y'Ubudagi. Ikindi yahinduye mu makoraniro y'ugusenga mu rusengero ni uko yakuyeho imisa ashiraho kwigisha no gusigura Ijambo ry'Imana. Abapasitori baca barongora amashengero, bemererwa kurongora, na Luteri aca yubakana urwiwe na Katerina Von Bora mu mwaka wa 1525.

1.4. Inyigisho za Luteri zatumye abarimyi bagumuka : Umwidegemvyo w'amashengero y'Ubudagi wakoze ku kibano c'Ubudagi. Abarimyi bakorera abandi mu gacinyizo babonye ugushira amanga kwa Luteri, n'imbere y'Umwami, bibatera kubohoza agateka kabo. Bishimikije ivyizerwa vy'umwidegemvyo rukristo ngo banagure ubutunzi n'ingene babayeho.

Mu mwaka wa 1524, abarimyi bandikiye abatware babo, babasaba ibintu cumi na bibiri ( 12 ) harimwo ko hokurwaho guhahazwa n'abatware.

**1.5. Umuryango w'Abaporoti** : Umwami Charles V, yaguma abona ko iryo hinduka ryabaye mw'ishengero ari ukugumuka. Agerageza kurigwanya yandika itangazo ryo guhamagarira abantu ngo bumvire Papa. Mu mwaka wa 1529, umurwi w'abatware bamaze kunyurwa n'iryo hinduka baja hamwe mu kwiyamiriza iryo tangazo, baca babita "abahakanyi", mu gifaransa ni Protestants, aririyo ryavuyemwo Abaporoti. Muri Kenya no muri Uganda, Abaporoti ni izina ryitirirwa ishengero ry'aba Anglikana. Ariko Abaporoti twovuga ko ari umuryango w'Abakristo biyonkoye kw'ishengero rya Katolika. Kuva ico gihe uyu muryango wagiye uravamwo amashami menshi.

Mu mwaka wa 1530, abarongozi b'umuryango w'Abaporoti barakoranye mu gisagara c'i Diet Augsburg mu Budagi. Luteri ntiyari yemerewe n'amategeko gukorana mu manama, ariko haza habonetse abandi banyuzwe n'ivyiyumviro vyiwe mu vy'inagurwa ry'ishengero. Muri iyo nama bashikirije Ivyizerwa ngenderwako. Luteri yapfuye mu mwaka wa 1546, asiga iragi ridasanzwe mu muryango w'abizera. Muri kahise k'ishengero Luteri ni rurangiranwa mu bantu bakoreshejwe mu kuzana inagurwa ry'ishengero.

Ingene Abakatolika n'abaporoti bishura ku bibazo bijanye n'Ivyizerwa n'ubuzima rukristo

| **Umurwi w'ikibazo** | **Ikibazo nyezina** | **Inyishu ya Katolika** | **Inyishu y'Abaporoti** |
|---|---|---|---|
| Ibijanye n'agakiza | Umuntu akizwa gute? | Umuntu akizwa abikoreye: biva mu kwizera hamwe n'ibikorwa vyiza. Kandi umuntu arashobora gukorera uyundi, uyu akabiharurwako (ibijanye na purugatori) | Umuntu akizwa kubw'ubuntu biciye mu kwizera gusa. |

| | | | |
|---|---|---|---|
| Ibijanye n'Ivyanditswe | Mbega ububasha bw'impwemu buhagaze kuki? | - Ububasha bw'impwemu buhagaze mu Vyanditswe no mu migenzo y'ishengero. Ishengero rifise ububasha kuko Papa afise urupfunguruzo rw'Ubwami nk'uko yabirazwe n'intumwa. - Ibitabo vyongewe kuri Bibiliya biremewe nk'Ijambo ry'Imana | - Ububasha bw'impwemu buhagaze kw'Ijambo ry'Imana dusanga mu Vyandiswe Vyera.<br>- Ibitabo vyongewe kuri Bibiliya ntivyemewe nk'Ijambo ry'Imana. |
| Ibijanye n'ishengero | Ishengero ni iki? | Ishengero ni umuryango uri mu burongozi bwa Papa Nta gakiza kaboneka hanze y'uwo muryango | - Ishengero ni umuryango w'abizera bo muri kahise no muri kubu, bagize ubwami bw'abaherezi<br>- Ishengero riboneka ririmwo ishengero ritaboneka mu mahanga yose |
| Ibijanye n'ikibano | Ni ukuvuga iki kubaho unezereza Kristo? | Ni ugukorera ishengero nk'uwihebeye Imana | Ni ugukorera Umwami n'umutima wose mu bikorwa bitandukanye vy'ubuzima haba mu ntwaro, mu kibano canke mw'ishengero. |

**2. Uwitwa Zwingli, n'ihinduka ryabaye mu Buswise** Igihe Luteri yariko arakoreshwa mu Budagi, uwitwa Zwingli Ulrich ( 1484-1531 ) nawe yariko arakoreshwa nkawe mu Buswise. Yari umunyeshure aciye ubwenge, yanonosoye amashure ya Kaminuza, aronka urupapuro rwa "Maitrise" mu gisata c'indimi mu mwaka wa 1506. Aca acika umupatiri mu Buswise. Yari yarimenyereje gusoma Isezerano Risha mu Kigiriki. Atangura kwigisha yiyamiriza imigenzo y'idini idashigikiwe na Bibiliya. Zwingli yari yahishuriwe bimwe nk'ivya Luteri igihe yiga Isezerano Risha akoresheje ubuhinga yize mw'ishure bwo gusobanura Ivyanditswe.

Aha hari icigwa dukwiye gukuramwo, ni uko aba bantu babiri, bose bafashe umwanya wo kwiga Ivyanditswe, maze ubuzima bwabo n'ivyiyumviro vyabo birahinduka.

Maze igisagara yabamwo gitegura inama yo kwumviriza Zwingli n'uwuserukira Papa. Zwingli ivyo yavuga vyose yabishigikiza Bibiliya. Bica bituma iyo nama imwemerera kubandanya yigisha n'ubwo Katolika yakomeje kumurwanya.

Mu mwaka wa 1524, Zwingli yaciye agira ubukwe. Zwingli mu nyigisho ziwe yashimikira ko ikintu cose kitari mu Vyanditswe cokurwa mu Vyizerwa n'imigenzo vy'ishengero. Ariko Luteri yavuga ko imigenzo ataco Bibiliya iyivugako yogumaho. Ikindi batahurizako na Luteri ni ibijanye n'ingaburo yera. Zwingli yavuga ko umukate n'ikinyobwa basangira ku meza y'Umwami ari ibimenyetso gusa kugira ngo bibuke urupfu rwa Yesu. Luteri nawe ati, urya mukate na kirya kinyobwa ni umubiri n'amaraso vya Kristo. Uwitwa Kalvino niwe yatanze insiguro yotahurika gusumba izi. Yavuze at: "Abaje ku meza y'Umwami basangira na Kristo kuko mu buryo bw'impwemu aba ari kumwe nabo muri iryo sangira ryera, bakibuka urupfu n'ukuzuka kwiwe".

Mu mwaka wa 1531, havyutse intambara hagati y'Abaporoti n'Abakatolika, mu gisagara Zwingli yabamwo. Ibi vyari vyatewe n'uko igihugu ca Swisse cari cigabuyemwo kubiri kubera amadini. Umurwi umwe ugatera uyundi

bitwaje amadini. Zwingli yapfiriye muri iyi ntambara mu mwaka wa 1531. Ishami ry'Abaporoti rica riravuka ryitirirwa "Abanaguwe" ( Les Reformés ).

**3. Ivy'umurwi wiswe Aba "Anabaptistes" ( batemera umubatizo w'abana)** periode....
Uyu murwi wavutse inyuma ya Luteri na Zwingli. Biyumviriye ko boshishikara bagashika kure mw'inagurwa ry'ishengero. Baravuga ko ishengero rikwiye kwitandukanya n'uburongozi bw'igihugu. Ibi babivuze baravye ingene ishengero ry'igihe c'intumwa ryahamwe. Baca bashira imbere guharanira amahoro, bongera biyamiriza kubatiza abana ngo kuko basanga mw'ishengero harimwo abantu batizera, kandi bitwa abanyeshengero. Uyu murwi wari ugizwe n'imiryango itatu: Abagenzi bo mu Buswisse, Abaheterite b'i Moravia, n'Abamenonite bo mu Buholande no mu Budagi bwo mu buraruko.

**4. Uwitwa Yohani Kalvino n'inyigisho ziwe (calvinisme, 1509-16564)**

Abantu bamwe bumvise Kalvino, bumva ubukristo burimwo amategeko menshi, canke bumva inyigisho zivuga ku Mana igenera bamwe umuriro abandi ijuru. Abandi bakavuga ko ari we yatumye habaho kurondera ubutunzi wibako, ukoresha abakene ngo ushike ku nyugu zawe, n'ibindi. Ariko ibi vyose si vyo. Reka turabe Kalvino uwo ariwe.

Kalvino yavukiye mu buraruko bw'Ubufaransa. Se wiwe yabonye ko Kalvin ari umwana aciye ubwenge, aca amurera ngo azobe umushingwamanza ( avocat ). Kalvino amaze gukizwa, yavuze ati « Imana yoroheje umutima wanje ». Yaciye ava muri Katolika, arahunga, aja kwiherera ngo ategure urufatiro rw' Ivyizerwa rukomeye. Mu mwaka wa 1536, Kalvino yasohoye igitabo «Institution de la religion chrétienne », kirimwo ingingo ngenderwako z'ishengero rukristo. Yaguma agisubiramwo, agihindura mu gifaransa no mu kiratini. Mu nyuma Kalvino yagiye i Strasbourg, mu Budagi, yigisha impunzi z'Abafaransa. Aho niho yahuriye n'umupfakazi wo mu muryango wa bamwe biswe « Intabatiza », aca agira ubukwe nawe. Muri ico gihe nyene Kalvino asohora igitabo ca mbere c'Insobanuro ya Bibiliya ( 1er Commentaire Biblique ). Kalvino yapfuye amaze kwandika ibitabo mirongwine n'indwi bisobanura Bibiliya.

Intererano ya Kalvino ishimikiye kw'itunganywa ry'Ivyizerwa rukristo vy'ishengero ry'Abaporoti. Kubwa Kalvino, ivyo umuntu azi ku Mana vyahishuwe mw'Ijambo ry'Imana, kandi umuntu ntashobora kumenya Imana itamwihishuriye.

Mu nyigisho ziwe yashimikira kuri kamere n'inganji vy'Imana. Yizera kandi ko umuntu, kubera ingaruka mbi y'icaha, ataco yokora ngo akizwe; ariko ko icifuzo co gukizwa no guharirwa kironkera inyishu mu buntu bw'Imana gusa. Kalvino yemera kandi ko, n'aho Imana yaremye ijuru n'isi, yaratoranije abazokizwa n'abazorimbuka. Ibi sivyo vyonyene yizera, ariko yavyizera yiyumviriye ku bunini n'inganji y'Imana.

**Abigishwa ba Kalvino** : Mu bigishwa ba Kalvino, twovuga incabwenge Théodore w'i Beze ( 1519-1605 ) yari umushingwamanza. Mu mwaka wa 1548, yararwaye cane, amaze gukira aca yatura ko yabaye umuporoti. Ubuzima bwiwe aca abwegurira kwigisha Bibiliya. Yaranditse ku buzima bwa Kalvino, ibitabo vyigisha ku Mana, yongera asubiramwo yandika Isezerano Risha mu Kigiriki. Yaranditse, aburanira amashengero y'Abaporoti bo mu Bufaransa no mu Buswise. Mu nyuma abigishwa ba Kalvino babonye ko vyoba vyiza bashizeho Ukwatura kw'Ukwizera (kredo), ukwo kwatura, na bugingo n'ubu, kurakoreshwa mu mashengero rukristo menshi.

**6. Uwitwa Tindale ( Tyndale ) :** Tindale yari umupatiri wo mu Bwongereza, akiri muto mu myaka. Yari yanonosoye ikigiriki muri Kaminuza y'i Oxford n'i Kambrije. Aca atangura igikorwa co guhindura Bibiliya ayishira mu congereza. Yari yarigeze kubarira abo bakorana ati : «Niyo Imana yampa kuramba, nzokora gushika aho mbona umwungere ari inyuma y'inka ashobora gutahura Ivyanditswe gusumba bamwe mu bapatiri ». Abarongozi b'idini n'ab'igihugu baramurwanije, baraturira ibitabo vyiwe, arahunga mu mwaka wa 1523, ariko yarahejeje guhindura Isezerano Risha n'ibindi bitabo bitari bike vy'Isezerano rya Kera mu mwaka wa 1530. Iki gikorwa ciwe cari caranguwe

neza, kandi nico bisunze mu gusohora Bibiliya yitiriwe Umwami Yakobo ( King James Version ) mu mwaka wa 1611. Abarongozi b'ishengero ryo mu Bwongereza bakomeje kumurwanya, niho mu mwaka wa 1536 yafatwa n'abantu barungitswe n'umwami, baramupfunga. Amaze amezi cumi n'indwi mw'ibohero, Tindale yaraturiwe yagirizwa ko ari umwigisha w'ibinyoma. Yapfuye asenga ati : "Mwami, ugurura amaso y'umwami ".

7. **Ihinduka ryabaye mu Bwongereza :** Mu Budagi, ihinduka ryatanguriye mu kigo c'Abapatiri biciye kuri Luteri; mu Buswisse, ihinduka ryatanguriye ku ntebe y'ivyigwa vya Zwingli; muri wa muhari wiswe Intabatiza, ihinduka ryatanguriye mu makoraniro y'amasengesho; mu Bwongereza hoho, ihinduka ryatanguriye ku kirimba, mu gitanda c'umwami.

Umwami Henri yari yubakanye n'umwamikazi Katarina, bari bamaranye imyaka cumi n'umunani. Bari bavyaranye abana batanu, ariko hari hasigaye umwigeme Mary wenyene abandi bari barapfuye. Henri aca asaba uruhusha Papa rwo kurongora uyundi mugore ngo avyare umuhungu azoraga igihugu. Papa aramwankira maze umwami aca ahitamwo kurongora mu mpisho Anne Boleyn. Amezi icenda aheze bavyarana umwigeme amwita Elizabeti. Papa aca arabimenya, aramutaramura mw'ishengero. Abarongozi b'ishengero rya Katolika ryo mu Bwongereza baca bashigikira umwami wabo. Hanyuma, mu mwaka wa 1534, inama nshingamateka yo mu Bwongereza irakorana itangaza iti: "Umwami
mu cubahiro ciwe, no mu butungane bwiwe, niwe akwiye kandi azokwama ari hejuru y'uburongozi bw'ishengero ry'Ubwongereza". Kuva ubwo ishengero ryo
mu Bwongereza riba ririyonkoye kury'i Roma.

Mu Bwongereza nta hinduka mu Vyizerwa ryabaye nko mu Budagi no mu Buswisse kuko umwami we yashira imbere gutwara mu mutekano. Hari abagomba ko ihinduka riba. Akarorero ni uwitwa Thomas More yari umutware mukuru, akaba n'umugenzi w'umwami. Yaranse kurahira ngo yemeze ko umwami ari umutwe w'ishengero, aca arapfungwa, yongera aricwa mu mwaka wa 1535. Ariko yategetse ko amashengero aronswa Amabibiya ahinduwe mu Kingereza.

8. **Ihinduka ryabaye muri Katolika** : Imbere yuko Luteri atangaza za ngingo 95 zari zikwiye guhinduka, hari abarongozi b'ishengero bari babonye ko hari ibikwiye guhinduka mw'ishengero ryabo.
Akarorero ni umurwi w'abantu 50 biswe "Ijwi ry'urukundo Rw'Imana". Benshi muri bo bava mu miryango itunze kandi bari barize amashure menshi. Uyu murwi wahagurutse wigisha ukwezwa, n'ugusenga. Abantu benshi barababakunze kandi barafashije Abakatolika kugarukana umutima wo kwubaha Imana.

- Tereza w'i Avila ( 1515-1582) : Mu ntango z'inagurwa ry'ishengero, ibigo vy'abihebeye Imana vyo muri Katolika vyari vyasubiye inyuma mu mwete wo kurondera Imana. Tereza niwe yasubijeho urutonde rw'ibi bigo. Yigisha kwinjira mu bumwe n'Imana, kuyigororokera. Mu ntango baramurwanije ariko aragumako gushika aho aronka abagenzi bafatanya nawe. Arazwi nk'uwatanguje ibigo vy'abapatiri n'ababikira, akongera akabiha urutonde.

- Ignace De Loyola (1491-1556) bo n'umuryango wa Kristo : Ignace De Loyola yari umusirikare wo muri Espanye. Mu ntambara yabaye mu mwaka wa 1521, ukuguru kwiwe barakurashe. Ariko arakira, De Loyola yasomye ibitabo bivuga ku buzima bwa Yesu, aca arihana, ahitamwo guha ubuzima bwiwe Yesu. Atanga ubutunzi bwiwe, yihebera kuba umusoda wa Yesu. De Loyola na bagenzi biwe batandatu bihebera ubukene, kwicisha bugufi no kwumvira Papa. Mu mwaka wa 1540, Papa Paul III, yemeza ko uyu muhari ucitse "Umuryango wa Kristo". Uyu niwo wavuyemwo "Abajezwite". Bari bajejwe kwiga, kwitegura nk'abasoda, no kuja aho Papa abatumye hose. Intumbero yabo kwari ukunagura ububasha bwa Katolika aho bishoboka hose.
De Loyola yabona ko ishengero rifise ububasha bukuru. Urunganwe rwa mbere rwo mu burongozi bwa De Loyola rwakoze vyinshi, niho havuyemwo umumisiyoneri wa mbere aja mu Buyapani kwigisha Ijambo ry'Imana. Mu bihugu vyinshi, Abaporoti ntiboroherwa kurungikayo Abamisiyoneri kubera bene iyi mirwi.

De Loyola yapfuye mu mwaka wa 1556, iki gihe uyu muryango w'aba Jezwite wari umaze kuronka abapatiri barenga igihumbi bakorana umwete mw'isi.

**9. Inama nkuru yabereye i Trante ( 1545-1563 )** : Muri iyi nama, yafashe igihe kirekire, yari iyo gusubiramwo gusigura ukwizera n'imigenzo vy'ishengero rya Katolika. Gutanga amahera ngo umuntu ashirwe mu burongozi vyarakuweho muri iyo nama. Maze bemeza ibi bikurikira:

- Indulujensia zigumeho ariko umuntu azozitanga ata kagobero,
- Abapatiri ntibemerewe kurongora,
- Papa ni umutwe w'ishengero,
- Gusaba aberanda no kwaturira ibicumuro abapatiri bigumeho nk'imigenzo mikuru
- Ivyanditswe n'imigenzo y'ishengero bifise ububasha bungana
- Ukwizera n'ibikorwa vyiza nivyo bisabwa ngo umuntu aronke agakiza
- Amasakaramentu ni indwi
- Imisa izosomwa mu rurimi rw'ikilatini
- Ibitabo vyongeweko kuri Bibiliya biremewe kw'ari Ijambo ry'Imana - Purugatori iremezwa.

Iyi nama irangiye, vyaciye bigaragara ko Abagatorika n'Abaporoti ari imiryango ibiri itandukanye. Umurwi wose ukwawo wemeza ko ariwo shengero ry'ukuri. Ariko harabaye iyindi nama nkuru mu myaka ya 1963-1965. Ibikuru bikuru vyahindutse ni ibi :

- Bemeje ivyerekeye ukutihenda kwa Papa be n'ukw'urunani rw'abasenyeri,
- Bemeje ko abakristo basanzwe ( atari abapatiri ) b'abizigirwa mu kibano, bafise uruhara rukomeye mu buzima bw'ishengero. Kubw'ivyo barashobora kwemererwa no kuja mu manama y'ishengero,
- Basanze abaporoti hari ivyo bavuga vy'ukuri baca bareka kubita "abigisha b'ibinyoma" ariko babita "bene data twatandukanye" ( frères séparés ) . Ibi vyatumye Papa w'ico gihe ahura n'umusenyeri wo mu Bwongereza, bahanagura ingingo yari yarafashwe yo mu mwaka wa 1054 yo gutaramurana. Mu nyuma hari abanonosoye inyigisho za Bibiliya bo muri Katolika basanze ivyiyumviro vya Luteri ku bijanye n'agakiza kwari ukuri kutavanze.

Muri kino gihe umuntu yitegereje ishengero rya Katolika arabonamwo inagurwa rikomeye nko kwigisha mu rurimi rutari ikilatini, gusoma Bibiliya kutagarukira ku Bapatiri gusa, gusenga mu majambo yawe, guhimbaza no gutazira Imana, umwidegemvyo wo gukora kw'ingabire za Mpwemu Yera,...
Imana yacu ntirobanura ku madini, uyirondera mu kuri wese, izomwihishurira.

**10. Imyaka 30 y'ingwano ( 1618-1648 ). :** Izi ntambara zatanguwe igihe Ferdinand umujezwite yaba umwami w'i Bohemiya, mu nyuma ahinduka uganza abandi bami. Yizera ko hakwiye kuba ubwami bumwe n'idini rimwe, niko kurondera ingene abantu atwara bose bohinduka abakatolika. Ingwano zica ziratangura. Izo ngwano zari urutavanako ata wutsinda uyundi bwegu.

Ibitero nk'ibi vyari vyarabaye hagati y'Abakristo n'aba Islamu. Mwokwibaza muti : "Bishika gute ngo Abakristo barwane hagati yabo" ?
Mu gihe c'inagurwa ry'ishengero, umurwi wose ukwawo (abagatolika n'abaporoti) wibaza ko uko utahura Imana ariwo uri mu kuri wonyene. Abakatolika ukwabo, Abaporoti ukwabo bumva ko bahishuriwe ukuri kw'ibihe bidashira kandi ko bakwiye kukurwanira n'aho vyosaba gushiramwo inguvu.

Igihe umuntu yibaza ko ariwe azi ukuri wenyene, aba ari kure y'ukubabarira mugenzi we. Uko twiga kahise k'ishengero, niko dutahura ko ukwemerana mu budasa kwafashe umwanya munini hagati y'abakristo b'i Buraya n'abo mu Bwongereza. Muri iki kigabane kijanye n'ingwano dutahura ko aba bakristo b'iyi mirwi bose bavyifashemwo nabi. Ibi vyoduha icigwa co kwicisha bugufi, no kwihanganira abo tudatahura kumwe Ivyizerwa.

**10. Ishengero rikwiragira mw'isi.** Ikanguro ryabaye muri Amerika : Uwitwa Jonathan Edwards, niwe yakoreshejwe mw'ikanguro rya mbere ryabaye muri Amerika. Amaze imyaka cumi n'itatu, yaza azi ururimi rw'igiheburayo, ikigiriki n'ikilatini. Mu ntango z'ikinjana ca cumi n'umunani ubukristo bwari bwahindutse ubunyedini kuko abantu bari basigaye banyotewe ubutunzi, ubumenyi, n'icubahiro.

Edwards yari arongoye ishengero ryo mu gisagara Massachussete. Mu gihe ciwe niho ishengero ryinjiye mw'ikanguro rikomeye. Insiguro ziwe zaba ziteguwe neza neza kandi yarazandika neza. Ubutumwa bwiwe bwari bushimikiye ku kwihana. Mu mwaka wa 1733, yabonye ikanguro mw'ishengero ryiwe, mu mwaka ukurikira iryo kanguro rikwira igisagara cose. Yanditse avuga ko "imitima yisuka nk'uruzi
iza kuri Yesu".
Ku muhingamo wo kw'itariki ya 8/7/1841, yagiye gusigura ubutumwa mu gikorane , mu gisagara ca Enfield, carangwa n'ubugarariji. Uwinjira muri ico gikorane yaca abona ingene abantu baho bafise urupfasoni ruke no mu nyambaro. Edwards yigisha agumye hamwe, ata bimenyetso akoresha, inkokora y'ukubamfu yifadikije imeza, ukuboko kw'i buryo gufashe ivyo yateguye kwigisha. Ico gihe yigishije mu gitabo co Gusubira mu vyagezwe 32:35, "Igihe ibirenge vyabo bizonyerera! " Ubu butumwa bwagize ingaruka zikomeye. Edwards ariko arigisha yagiye yumva induru mw'ishengero, bamwe batembagara hasi, abandi bifadikiza ibihome bibaza ko ibirenge vyabo biriko biraja mu muriro, urwamo rurengera umwigisha. Muri ico gikorane humvikana amajwi yo gutabaza Imana ngo ibababarire. Muri ico gisagara abantu barayе basaba Imana ngo ibakize.

Uwitwa Georges Whitefield yari umuvugabutumwa afata ingendo nyinshi. Ubutumwa bwiwe bwazanye ikanguro no mu bapasitori; yavuga ko ishengero risinziriye kuko risigurirwa n'abasinziriye. Uyu niwe yateye intege John Wesley kuvuga ubutumwa ku bibuga.

Mu mwaka wa 1786, irindi kanguro ryarabonetse. Abigisha nka Timoteyo yari arongoye Kaminuza y'i Yale yahamagarira abanyeshure kwihana. Umuvugabutumwa Peter Cartwright (1785-1872) yavuga ubutumwa mu mazu, no mu bibanza bitandukanye. Kubera ubutumwa yavuze, abantu 15.000 bariyongeye mw'ishengero rya Methodiste. Mu mwaka wa 1855, ishengero rya Methodiste ni ryo ryari rifise abanyeshengero benshi. Ishengero ry'aba baptistes naryo ryagira kabiri mu kugira abanyeshengero benshi muri Amerika. Uyu muvyuro watumye abantu baja kuvuga ubutumwa mu bindi bihugu. Iyindi ngaruka nziza ni uko abantu batanguye kugira inyota yo gusoma Bibiliya, bitandukanya n'akaborerwe, ubuhumbu n'ibindi vyaha.

Mu kinjana ca 19, ibango ryagize uruhara runini mu bukristo bw'abanyamerika ni abavugabutumwa bagendagenda bigisha (évangélistes itinérants).

Babiri muri aba ni Charles Grandison Finney na Dwight Lyman Moody.

Charles Grandison : Imbere y'uko yakira agakiza yari amaze imyaka 29, yari umwigisha akongera akaba umushingwamanza. Amaze guhura na Kristo, yaciye ahagarika akazi. Yemeza ko yaronse "umuntu mushasha yamuhaye urubanza rwiwe", kandi ko ategerezwa "kumuburanira" imbere y'abatarizera. Amaze kwiga inyigisho za Bibiliya, yaciye aba umupasitori w'ishengero rya Presbiteriyene. Naho Finney yari ajejwe amabanga y'ubwungere n'uburongozi butandukanye, yakunda gutegura ibikorane vy'ivugabutumwa. Ibikorane vyiwe vyatumye abantu ibihumbi bizera.

Dwight Lyman Moody : Intango ya Moody ntiyahishura ko yohavuye aba umuvugabutumwa rurangiranwa. Atarakwiza imyaka 4 y'amavuka yabuze se wiwe, aca arahagarika amashure imyaka itatu. Amaze imyaka 17 yaciye yakira agakiza, ico gihe yakorera se wabo, amudandariza ibirato. Atarakwiza imyaka 30, yagiye mu gisagara ca Shikago, aca aba umurwizatunga. Ariko, ishaka ryiwe ryari iryo kumenyesha Kristo. Yaciye atanguza ishure yo ku w'Imana, hanyuma atanguza ishengero. Ubutumwa bwiwe bwari buhagaze ku kwihana. Ntiyari imvuzi, ariko igikorwa ciwe c'ivugabutumwa carangwa n'integuro nziza. Moody yaratanguje amashure ya Bibiliya yo gukomeza abakristo, imwe ni iyitiriwe izina ryiwe (Institut Biblique Moody), i Shikago.

Ishengero rishika muri Afrika : Gushika mu myaka ya 1430, ibihugu vy'i Buraya ntivyari bizi neza ibihugu vyo muri Afrika. Vyibaza ko Afrika ari igice gitoya co mu Bururuko kigizwe na: Sahara, Sudani, Egiputa, Etiyopiya. Imvo nyamukuru yatuma Abanyaburaya barondera kumenya Afrika rwari urudandaza, hamwe no gushikanayo idini rya Katolika. Aho bashika bagatangura ivy'urudandaza baca bashingayo n'insengero. Aho ni nko muri Kongo, Afrika y'Ubuseruko nk'i Mombasa, Angola, Mozambike.

Igihe Abanyaporotigale ( Portugais ) bashika mu burengero bwa Afrika mu myaka ya 1440, babonye ko ibidandazwa vyabo bobiha abanyafrika nabo bakabaha abantu babo ( esclavage ). Abarongozi b'ico gihe, abo bita aba Moors (abarongozi b'Aba Islamu) basabwe gutanga izahabu canke abantu, barazazanirwa, mu nyuma baca bagumya izahabu batanga abantu. Papa ava mu gihugu ca Porotigale yemeza urwo rudandazwa ko ari uburyo bwo kwigarurira ibihugu vy'abapagani. Ishengero ryari mu vyiyumviro vyo kurwana ngo ryinjize abantu mw'idini ry'abakristo. Mu mwaka wa 1452, umupapa yamuka muri Porotigale yahaye uruhusha rwo kurwana ngo yigarurire ibihugu vy'abapagani kugirango habe igabanuka ry'aba Islamu n'abapagani. Ibi vyatumye umwami aronka ububasha mw'ishengero no muri uru rudandazwa. Ubu bubasha umwami yaronse bwamushikanye aho ashobora kugena abasenyeri. Ibi babihaye izina rya
padroado. Umumisiyoneri wese yagenda afise ikarata y'umwami.

Igihe ishengero rukristo ryashika muri Afrika yo hagati no mu buseruko, ryazanywe n'imigwi ibiri itandukanye : Abakatolika n'Abaporoti. Iyi migwi iracatandukanye n'uyu musi. Mbega iri tandukaniro ryatanguye gute mu bantu bavuga ko bakurikira Umwami umwe, w'amahoro ?

**Ishengero rishika muri Kongo n'i Mombasa :** Uko ishengero ryashitse muri Kongo

Mu mwaka wa 1491, abamisiyoneri ba Katolika bavuye muri Porotigale niho bashika muri Kongo. Haheze amayinga make, igitigiri kinini c'Abanyekongo barabatizwa, hari itariki 3 Rusama 1491, muri bo harimwo umwami aca yitwa Joao, be n'umuhungu wiwe mukuru nawe aca yitwa Alfonse.

Joao, naho yabatijwe ntiyagumije inyigisho z'ubukristo, yagumye asenga ibigirwamana, arongora abagore benshi. Ariko umuhungu wiwe Alfonse yarabandanije. Joao amaze gupfa mu mwaka wa 1506, Alfonse yaciye aba umwami. Ku ngoma yiwe yaraturije ingoro nkuru y'ibigirwamama yari ku murwa mukuru, yongera asambuza inzu zakorerwamwo ubupfumu. Yaranarwanije urudandazwa rw'abantu ( esclavage ) ariko abamisiyoneri bari barushigikiye. Alfonse yapfuye mu mwaka wa 1540. Mu nyuma imyaka myinshi iheze, ishengero ryarivanze, hajamwo abasenga ibigirwamana.

a. Uko ishengero ryashitse i Mombasa : Umumisiyoneri yitwa Vasco Da Gama wo mu gihugu ca Porotigale yariko ararondera inzira yo gushika mu gihugu c'Ubuhindi, aca ashika i Mombasa mu mwaka wa 1498. Yakiwe neza n'umuganwa yitwa Malindi, aca yubaka icibutso mu mabuye kiriko umusalaba hejuru, canditseko padrao, n'ubu kiriho nk'ikimenyetso c'igihe abakristo bashika ubwa mbere muri Afrika y'Ubuseruko.

Mu mwaka wa 1597, abanyaporotigale barungitse abamisiyoneri gutanguza inyigisho za Katolika baca bubaka umurwa mukuru wabo i Mombasa. Baravuga ko mu mwaka umwe bari bamaze kuronka abakristo amajana atandatu. Ubukristo bwarateye imbere, bushika no muri Tanzaniya, mu gisagara ca Zanzibar . Abamisiyoneri barigisha abakristo bashasha, bakabaha n'umuceri babatera intege ngo bagume kuri Kristo.

Hari umukozi wo mu gikoni, yitwa Yusuf Bin Hasan, yakorera abamisiyoneri b'Abaporotigale yahindutse umukatolika hanyuma arazezwa n'ibikorwa vyo kurongora ishengero i Mombasa mu mwaka wa 1625. Ariko haheze imyaka itanu, atangura gutata n'umumisiyoneri bakorana yitwa Fort Jesus. Imfashanyo zava muri Porotigale zirahagarara, maze hakomeza kuba ukutumvikana gushika aho Yusuf yicisha Fort Jesus.

Kw'igenekerezo rya 16 Myandagaro 1631, niho Yusuf yicisha Fort Jesus, aturira inzu z'abamisiyoneri, yicisha abakristo benshi. Mur'iryo hamwa, abagabo b'abanyafrika 72 hamwe n'abagore babo baremeye barapfa bahorwa

ko ari abakristo. Abandi amajana ane batwarwa mu rudandazwa muri Arabiya. Muri rusangi abantu amajana atatu barishwe ( abanyaporotigale hafi ijana na mirongwitanu abandi nabo bari abanyafrika ) kubera bizera Kristo.

Hari amajambo y'inkoramutima abo bamaratiri bavuze bariko barapfa.

- Umwe ni Dom Ontonio, incuti ya hafi yo kwa Yusuf. Yusuf yari yamwinginze ngo ahebe ivy'ukwizera Yesu aca amwishura ati: "Nyakubahwa, naho wewe wahisemwo uko, jewe ndi umukristo, kandi sindi mwene ba bantu bihindukiza ku co bemeye, kandi ikirengeye ivyo vyose, ndazi ko ivyagezwe vya Kristo ari ukuri".
- Uyundi ni umwigeme w'umwizigirwa, mu gihe abarabu bagira babasogote kubera ukwizera Yesu, yaremesheje mama wiwe ati: "Ntutinye, mama. Tugiye mw'ijuru". Aca ahindukirira abasoda bagira babice avuga ati: "Turi abakristo. Ni mutwice". Bompi baca baricwa bahorwa kwizera Yesu.

Igikorwa c'abamisiyoneri co guhindura abanyafrika ngo bahinduke abakristo carimwo ibitagenda neza:

- Ubwa mbere ni uko barondera abanywanyi kubera imvo z'urudandazwa. - Ubwa kabiri ni uko bazanye idini rya Katolika ku nguvu aho kwisunga imico y'abanyafrika. Bagomba kugira ibicapo bisa hagati y'amashengero yo muri Porotigale n'ayo muri Afrika baje gutanguza.

Ikosa rikomeye abamisiyoneri bagize ni uko bibaza ko abanyafrika ata bumenyi na bukeya bari bazi ku bijanye n'Imana, bakagomba kubanza gufuta ibiri mu banyafrika vyose ngo babemeze ivya Katolika.

- Ubwa gatatu, abo bamisiyoneri nta yerekwa bari bafise canke integuro yo gutanguza amashengero mu bibanza vyayo. Bari baje guhindura imitima ngo ije mw'ijuru.
- Ubwa kane n'uko bashimikira ku mubatizo, na cane cane kubatiza abana, ivyo bigaca biboneka ko ubukristo ari ibikorwa bishasha, bitamenyerewe, ivyo uwuhindutse wese ahamagariwe gukora. Ibi vyatumye ubukristo buba urutonde rw'ibikorwa vyo gukurikiza aho kurangwa n'ubushobozi bwo guhinduka gutangwa na Mpwemu Yera aba mu bizera.

Ikintu kirusha ikindi ububi cerekanye intege nke z'aba bamisiyoneri ni urudandazwa rw'abanyafrika bajanwa i Buraya. Abanyafrika babonye ko ico gihe wamengo abamisiyoneri bari bafise integuro yo kubwira ubutumwa abanyafrika uyu musi wa mbere, no kubajana i wabo n'ibidandazwa (esclaves) ku musi ugira kabiri.

Mu mwaka wa 1800, Papa w'ico gihe yaricujije ku bijanye n'uru rudandaza aravuga ati: "Ishengero ryacu riratitutse muri Afrika kubera Abanyafrika baguma bibuka iminyororo babohwa baje kudandazwa aho kubona umwidegemvyo Yesu yabazaniye".

**11. Ishengero mu gihe gishasha ca Pentekoti.**

11.1. Ingene ukwizera kwageragejwe : Mu kinjana ca cumi n'icenda, ubukristo bw'i Buraya bwasa n'ubwifashe neza. N'aho vyaboneka uko, abize n'abashakashatsi batanguye kubaza ibibazo bigora kwishurwa n' abakristo banonosoye inyigisho za Bibiliya.

Abashakashatsi bamwe bemeza ko umuntu yavuye mu nguge kuko hari ivyo inguge zikora ukamengo ni umuntu. Abanonosoye ivy'imibano, bavuga ko idini ryinjirira abantu mu mwidegemvyo wabo. Kubw'ivyo, ryorekera abantu umwidegemvyo kugira ngo biyagure. Abandi nabo bagasoma Bibiliya ariko ntibemere ibitangaza, bakavuga ko vyari ivya kera, ko umuntu wa kino gihe atabikeneye. Hari n'abavuga ko Isezerano Risha, kuko ryanditswe mu binjana vya kabiri na gatatu inyuma ya Yesu, ata bubasha rifise nk'Ivyanditswe n'intumwa za Yesu. Abanyaburaya bakomeje kuba abanyedini ariko bahitamwo ko idini itabinjirira mu buzima bwabo.

11.2. Ingwano y'isi yose : Iterambere ry'ubushakashatsi n'iry'ubutunzi ryatumye abantu bibaza ko iterambere ryo muri rusangi atacoritangira. Ico gihe hatanguye kwigishwa umwidegemvyo, berekana ko umuntu muri kamere kiwe ari mwiza, ko ahindurwa n'aho abaye. Ariko ingwano z'isi yose zarerekanye ububi bw'umuntu ko bujanye na kamere kiwe.

11.3. Intwaro y'igikominista ( communisme )

Igishasha cabaye inyuma y'intambara ya mbere y'isi yose, ni umuzo w'intwaro y'igikominista y'i Buraya. Iyi ntwaro yatangujwe n'uwitwa Lenine, yishimikije ivyiyumviro vy'uwitwa Karl Marx. Iyi ntwaro yasezerana gukorera hamwe ntihagire uwuba umuja w'uwundi. Iyi ntwaro kandi yategeka abantu gushigikira ivyiyumviro vy'umugambwe umwe. Lenine amaze gushikira ubutegetsi aca atangaza ko amatongo yose ari aya Leta. Amatongo y'ishengero aja mu minwe ya Leta, maze amashengero aragwanywa kuko ivyiyumviro vya Lenine vyari bitandukanye n'ivy'ishengero. Marx yari yaravuze ngo « Idini ni ikiyovyabwenge
mu banyagihugu » ( la religion est l'opium du peuple ), kuko ngo ribuza abantu kwiyumvira no kwidegemvya. Inyuma y'ingwano y'isi yose ya Kabiri, intwaro y'igikominista yagomvye gukwira mw'isi yose. Kandi bemeza abantu ko ariho isi yoronka amahoro.

Ariko mu myaka ya 1989, hari icatangaje abantu, ni uko ibihugu vy'i Buraya vyatanguye kwiyamiriza iyi ntwaro, kandi yari imaze imyaka mirongwitanu. Batanguye gusaba umwidegemvyo mu vya Politike no mu vyo gusenga. Isambuka ry'igikominista ryaranyarutse kandi abakristo benshi babonye ko ari ukuboko kw'Imana kwabikoze. Ibi vyatumye abakristo b'i Buraya basubira gukorana mu mwidegemvyo, bandika ibitabo bivuga ivy'ubukristo, abamisiyoneri baca baronka akaryo ko kwinjira muri ivyo bihugu vyari vyugaranywe.

11.4. Intango y'amashengero mashasha ya Pentekoti : Mu ntango y'ikinjana ca mirongwibiri, hari ibimenyetso vyerekana umuzo w'ikanguro i Buraya. Habonetse umuhari warangwa no kurondera Imana n'umwete, bavuga ko Imana yo muri Bibiliya igikora ibitangaza.

Mu mpera z'umwaka wa 1900, abanyeshure bo mw'ishure rya Bibiliya Beteli ( Bethel Bible College ) ry'i Topeka i Kansas, muri Amerika, bigishwa n'umu methodiste Charles F. Parham ( 1873-1929 ). Bafata umwanya wo kurondera ibimenyetso vy'umubatizo wa Mpwemu Yera, basanga mu gitabo c'Ivyakozwe n'intumwa, uwo mubatizo wajana no kuvuga mu zindi ndimi. Abanyeshure benshi biwe barasenga bavuga mu zindi ndimi. Babimenyesha umuyobozi wabo, nawe nyene bidatevye avuga mu zindi ndimi. Mu makoraniro yo gusenga, uyu muyobozi yaravuga ingene yaronse kuvuga mu ndimi agasengera n'abarwaye.

Ijambo Pentekoti rifatiye kuri wa musi w'indwi, inyuma ya Pasika aho Mpwemu Yera yasukwa ku ntumwa ( Ivyakozwe n'Intumwa 2 : 1-18 ). Uyu muhari wa Pentekoti warangwa n'ibintu bitanu :

- Ubuzima bwejejwe
- Ivyizerwa nyamukuru rukristo mvugabutumwa
- Umubatizo wo muri Mpwemu Yera ugaragazwa no kuvuga mu zindi ndimi
- Ingabire za Mpwemu Yera nko gukiza ingwara
- Kugaruka kwa Kristo kuzokurikirwa no kuganzanya nawe imyaka igihumbi.

Ariko rero i Los Angeles ni ho twovuga ko iciyumviro c'amashengero ya Pentekoti catanguriye nyagutangura, mu mwaka wa 1906.
Mu mwaka wa 1905, Parham yarongoye uruganda rw'ivyigwa vya Bibiliya. Umwe mu banyeshure biwe yari umwirabure, yemerewe kwigana nabo bigoranye kubera ari umunyafrika, yitwa William J. Seymour,1878 -1922 (bamwemereye ko akurikirana ivyigwa ari inyuma y'ishure abikurikiranira mw'idirisha). Mu nyuma Seymour atanguza ibikorane mu nzu yahebwe yari kw'ibarabara ryitiriwe ASUZA (Asuza Street). Ivyo bikorane vyabandanya ijoro n'umurango. Muri ayo makoraniro baratera intege abaje ko basaba Imana kuvuga mu zindi ndimi. Haba ibishingantahe vyinshi vy'abakorewe ibitangaza. Abantu benshi baraza bavuye no mu bindi bihugu baje kuraba ibiriko birabera i Asuza. Hari no mu bindi bibanza abantu bakorana basenga bagashikirwa n'ibiriko birabera i Asuza. Mu myaka mike, amashengero ya Pentekoti atangujwe n'imvukira yaciye avuka mu bihugu bitandukanye, arashinga imizi.

Hari abataramuwe mu mashengero kuko bavuze mu zindi ndimi. Ico gihe ntibihuse batanguza ayandi mashengero. Ariko bamaze kubona ko bashobora kuja mu nyigisho zizimiza, baciye bahitamwo gutanguza amashengero yabo.

Uyu muryango w'Abapentekoti bakoresheje ibikorane, bakoreshwa ibitangaza vyinshi. Gushika uyu musi, uyu muryango urarwirirana cane. Mu mwaka wa 1924, niho iradiyo ya mbere rukristo yatangura gusamirana i Los Angeles, itangujwe n'uwatanguje ishengero rya Foursquare Aimee Simple M.Pherson.

**12. Imiryango y'amashengero rukristo :** Igihe umuryango w'abaporoti n'abagatolika barwana bakavisha amaraso menshi, basanze barihenze, baca babona ko hariho ubundi buryo bwo gukorera mu bumwe. Imiryango y'amashengero rukristo (dénominations) ni ijambo ryatanguye mu myaka ya 1640, aho basanze ata dini ryokwibaza ko ari ryo ryonyene rizi ukuri. Niko guca batahura ko amashengero rukristo atandukanye agize umubiri wa Kristo. Hari mu nama nkuru (Westminster Assembly 16421649) aho begeranya ivyiyumviro bikurikira, bishigikira imiryango y'amashengero rukristo :

- Kubera umuntu adashobora kubona imisi yose ukuri kwose kutavanze, hazokwama hariho ukudahuza ivyiyumviro mu bakristo b'imvugakuri, ku bijanye n'ingene ishengero rikwiye kumera,
- Uku kudatahura ibintu kumwe ntikwerekeye ivyizerwa ngenderwako, kubw'ivyo, ntikubuza abo bakristo gusangira. Umwe wese afise uburenganzira bwo gukurikira ico yizera ko Bibiliya imwigisha.
- Kubera ata shengero ryoshobora kugaragaza ukuri kwose kwigishwa ata karohe, umubiri wa Kristo ntushobora kuba mw'ishengero rimwe canke umurwi umwe. Ishengero ntirikwiye gukengera irindi shengero.
- Ugutandukana kw'amashengero ntigusigura amacakubiri, kuko birashoboka ko abakristo batahura ugutandukanye ibintu ariko bakaguma mu bumwe.

Rero iyi miryango y'amashengero yateje imbere ubumwe n'ubudasa bw'abakristo. Ku vyerekeye akamaro k'iri tandukana, abantu botanga ivyiyumviro bivanye n'aho bari. Umukatolika yovuga ko bitari bikenewe kuko umubiri wa Kristo ntukwiye kwitandukanya. Umuporoti nawe yovuga ko ishengero rya mbere ryari ryanse kurongorwa na Mpwemu Yera. Ivyo ari vyo vyose, iri hinduka ryatumye abantu amamiliyoni n'amamiliyoni batahura agakiza, ubuntu, ububasha bw'Ivyanditswe, inganji y'Imana, umwidegemvyo muri Kristo. Gutandukana si vyiza ariko hari aho bikenerwa.

**13. Uburongozi bw'amashengero.**

Iyo habaye gutanguza ishengero, hariho ibintu bitatu biranga ugukura kwaryo.

- Ko iryo shengero ryifitiye abarongozi
- Ko iryo shengero ryigwiza
- Ko iryo shengero ryironkera uburyo bwo gushigikira ibikorwa vyaryo.

Iyo ishengero rihajije kimwe muri ibi bintu, ntirishobora gutera imbere. Uburongozi bw'ishengero ni ikintu kizana amatati mw'ishengero. Hamwe hamwe amashengero aratandukana kubera badatahuye kumwe ingene ishengero rirongowe. Ariko iyo hatari uburongozi abantu bacika ubusimbirahamwe, umuntu wese agakora ico ashatse ( Abacamanza 18:1, 17:1, 21:25, 19;1 ).

13.1. Uburongozi bwo mw'Isezerano Risha

Mw'isezerano risha, umurwi w'abatama nibo barongorera hamwe ishengero. Ariko haba harimwo umutama mukuru : Uwa mbere mu bandi batama bangana nawe ( le premier parmi les égaux ).

Imana ni yo irongora Ishengero ryayo. Kubw'ivyo, irahamagara abakozi bayo ikabaha ubushobozi bwo kurongora abantu bayo. Aba barongozi bitwa abatama, ariko mu batama nyene Imana iratoranya ubarongora. Umwe ni we yavuze ngo "Twese ntidushoboye gutwara imodoka canke itereni" , rero Imana iratoranya umurongozi wo gufata ingingo za nyuma.

13.2. Uburongozi mw'ishengero riboneka ( église locale )

Tutibagiye ko Kristo ari we mutwe w'Ishengero, biraboneka mu Vyanditswe ko mw'ishengero ryo mu kibanza kiboneka, abakristo baba bafise abarongozi benshi ariko hakagira umwe abarongora bose. Uburorero bukurikira buravyerekana:

Paulo na Barunaba, bari bakuru muri bene Data ( Ivyak. 15:22, 14:12)
Umuherezi mukuru mu bandi baherezi ( Luka 9:22, 20 : 1 )
Umukuru w'Abafarisayo ( Luka 14: 1 )
Umukuru w'isinagogi ( Ivyak. 18: 8, 17 )
Intumwa zihambaye ( 2 Ab'i Korinto 11:5 )
Abakuru mu baririmvyi ( 1 Ingoma 15:22, Zaburi 4,5,6 )

Hari n'ubundi burorero bwo mw'Isezerano Risha bwerekana uru rutonde rw'uburongozi:
Petero n'izindi ntumwa ( Ivyak. 4:8- )
Yakobo n'izindi ntumwa ( Ivyak. 12;17 )
Paulo n'abandi bazezwashengero bo muri Efeso ( Ivyak. 19: 10-11 )
Timoteyo n'abandi batama b'ishengero ( 1 Timoteyo 3 )
Epafurodito n'abandi batama b'ishengero ( Ab'i Filipi 1:1, 2:25, 4 : 18 )

Rero icotuma uyu murongozi atishira hejuru, ni uko yokorana neza n'abo bafatanije uburongozi, akumviriza impanuro n'ivyiyumviro vyabo.

Aba barongozi bakorera hamwe mu kurongora ibikorwa vy'Imana, barangana mu mabango ariko ntibanganya ububasha. Ibi tubitahura twibutse ko Imana ariyo itanga ingabire zitandukanye ngo turangure amabango yayo.

12.2. Imigwi y'uburongozi bw'amashengero : Hariho imigwi mikuru mikuru itatu y'ubu burongozi:

1) Uburongozi bwitiriwe ubwepisikopi ( épiscopal ) :  Aha umurongozi aba ari umukuru w'abandi barongozi bakorana. Umusenyeri mukuru arongora abandi basenyeri nk'umukuru wabo.
Ubu burongozi buhagaze ku muntu umwe, ashobora kuba umusenyeri, umupasitori,.... Ashobora kuba mwiza canke mubi. Ashobora gutwaza amanyama canke akaba uwiyoroheje, ashobora kuba umuntu yubaha Imana canke w'indyadya. Ahenshi mu mashengero yigenga ( églises indépendantes ) bafise bene ubu burongozi. Ni hamwe umupasitori ashobora kuvuga ngo: "Iri ni ishengero ryanje, iri ni iyerekwa ryanje", ari naho ashobora gufatwa n'impwemu yo kwishira hejuru nka Nebukadineza ( Daniyeli 5 : 19 ).
Ingorane y'ubu burongozi ni uko habura ukwisuzuma ku murongozi no mubo arongoye. Abigisha b'ibinyoma benshi batwara muri ubu burongozi, bagahindura abantu abaja.

2) Uburongozi bw'abatama b'ishengero ( presbyterien ) : Umusenyeri n'abandi basenyeri barangana. Inama nkuru y'abanyeshengero niyo ivamwo uburongozi bw'ishengero. Abarongozi baratorwa n'abanyeshengero. Intege nke z'ubu burongozi ni uko abantu benshi bashobora guhuriza ku ciyumviro kibi. Ikindi ni uko umuntu ahakwa kwumviriza abantu kurusha uko yumviriza Imana, canke akagomba kunezereza abantu kuko ari bo bamutoye, kurusha ukunezereza Imana. Iciza c'ubu burongozi ni uko butanga akaryo ko gutegura abandi barongozi, bukongera bugaha ikibanza ingabire z'abandi mukorana.

3) Uburongozi bw'abanyeshengero ( congregationiste ) :  Muri ubu burongozi, Umurongozi ni umwe. Abanyeshengero baritoraniriza ingene batunganya ubuzima bw'ishengero. Umurongozi atorwa n'ishengero. Ni we afata ingingo ya nyuma, yisunze ingingo z'abarongoye ibisata vy'ishengero. Inkomezi z'ubu burongozi ni uko umurongozi iyo afise ihishurirwa riva ku Mana, akaba ari umwizigirwa, akaba yumviriza Imana n'abo arongoye ashobora gutera imbere mu burongozi. Intege nke ni uko mu gihe yihenze aca akoresha inguvu, akazimiza abo arongoye.

Raba Neza: Uburongozi bwiza ni ubukuza abantu ngo base na Kristo. Muri ubu burongozi uko ari butatu, turasangamwo intege nke n'inkomezi. Umurongozi yomenya ko hari aho mu gufata ingingo, bikenerwa ko akoresha bumwe muri ubu burongozi. Umurongozi akwiye kandi kuba umuntu yumviriza Imana n'abantu, kandi ahanurwa kuko uburongozi arimwo atazobwamamwo ibihe vyose. Mu misi rero Imana imuteye iteka ryo gukorana nayo, yoba umwizigirwa, akagira umwete wo kurongora neza.

## 14. Intahe zimwe zimwe za kahise k'Ishengero ryo mu Burundi.

Iki kigabane tugomba duherezeko ca kahise k'Ishengero ryo mu Burundi, ntikivuga kahise kose. Ibi vyosaba ko umuntu yandika igitabo cikwije. Ariko kuko twavuze kuri kahise k'ishengero, ntitwosozera tutavuze inkuru zimwe zimwe za kahise k'Ishengero ryo mu Burundi.

14.1. Ingene Abamisiyoneri ba mbere bagerageje kuzana ubutumwa ntivyakunda

Mu myaka ya 1898, abamisiyoneri baragerageje kuzana ubutumwa mu Burundi, biranka. Uwitwa Livingstone yaraje muri uwo mwaka aratata igihugu ariko nta butumwa yavuze.

Abamisiyoneri ba mbere b'Abakatolika bashikiye mu Rumonge itariki 30/7/1879 gushika 4/5/1881. Abapatiri babiri b'abazungu Deniaud na Promaux barishwe n'abarabu bari mu Burundi, bajana abantu nk'inyagano mu rudandazwa.

Abandi bagarutse mu mwaka wa 1884, baca barasubira inyuma kubera umwarabu yatera ubwoba abanyagihugu.

Ubugira gatatu, ni abaje mu mwaka wa 1891 bashikira i Buzige. Nabo nyene barasubira iwabo kubera iterabwoba ry'abarabu.

Abandi binjiriye mu Buseruko ni abapatiri Van Der Burght na Van Der Bresen baje itariki 31/8/1896 baca barahunga haheze amayinga atandatu kw'itariki 5/10/1896. Aba bapatiri baragarutse mu kwezi gukurikira, bashikira i Busige, baca bicwa n'inyonko. Mu nyuma ico kibanza cadutsemwo umuriro uzanywe n'umuyaga, maze kirasha.

Mu nyuma niho abandi binjirira mu buseruko baca bashinga imisiyoni ya mbere i **Mugera** ( Cankuzo) kw'itariki ya 25/5/1898. Kuva ico gihe iki kibanza gica kiragumaho. Ikibanza c'i Muyaga caraturiwe kabiri ( 14/8/1898 na 18/3/1899) n'umurongozi yibaza ko abapatiri ari abansi biwe. Iyindi misiyoni y'Abakatolika yashinzwe i Mugera kw'itariki 2/2/1899.

Izindi misiyoni zaciye zitanguzwa mu Buhonga (Bujumbura Rural) mu mwaka wa 1902, i Kanyinya (Kirundo) mu mwaka wa 1904, i Rugari mu mwaka wa 1909 n'i Buhoro mu mwaka wa 1912. Abakatolika baragwiriye cane, kuva mu mwaka wa 1915, bava ku bantu 5.769, bashika ku bantu 1.517.817 mu mwaka wa 1962, aho Uburundi bwikukira.
Abamisiyoneri b'abaporoti ntibari bwinjire gushika mu mwaka wa 1911. Baragerageza kwinjira ariko basubizwa inyuma ku nguvu igihe Ubudagi bwari bwatswe Uburundi ngo bubandanye bubutwara mu mwaka wa 1916. Ibibanza bitatu vya mbere abaporoti bashikiyemwo, ni ivyari birimwo abamisiyoneri b'abadagi. Navyo ni: Kibimba, Musema, Muyebe.

Aba Adventistes baje mu mwaka wa 1925 bakorera cane cane mu ntara ya Bubanza bavuye muri Kongo.

Aba Baptistes baje mu mwaka wa 1928 baca bashikira muri ca kibanza c'i Musema. Abamisiyoneri N.S Andersen n'umugore wiwe bagiye urugendo rw'amaguru, rw'imisi cumi n'indwi kuva i Bujumbura gushika i Musema. Abamisiyoneri b'Ababaptistes barafashije gusohora ibitabo bihinduwe mu Kirundi, igitabo c'indirimbo hamwe n' Isezerano Risha. Andersen yaciye yitaho amagara n'amashure y'abarundi. Uwo mwaka waheze amaze kuvuza

abantu 7000, amaze gushira mw'ishure abantu 30. Abamisiyoneri b'ayandi mashengero baje mu mwaka wa 1935, iri shengero riza rifise abakristo babatijwe 287. Iri shengero ni ryo ryatumiye abandi bamisiyoneri mu Burundi kandi ryabaye umuco ku bamisiyoneri bashasha.

Aba Methodistes Libres baca baza itariki 2/5/1935, bashikira i Muyebe.

Aba Misiyoneri b'Ishengero ry'Abagenzi nabo baza mu mwaka wa 1935 bashikira mu Kibimba barongowe na Arthur B. Chilson. Bari banyotewe ingene bokwiyegereza abantu ariko abakatolika bo n'intwaro y'ico gihe bari barabujije abarundi kubegera. Ariko abarundi baca babazanira ivyo kugurisha : inkoko, amagi, ibiharage, ibiraya, ibijumbu, ibitoke. Aba bamisiyoneri nabo bakabaha umunyu, impuzu, isabuni, amasuka kugira ngo babiyegereze. Mu mezi atatu bari bamaze kwubaka ivuriro. Abantu bakaza kwivuza abandi kuraba. Ishure ica iratangura irimwo abahungu cumi na batanu. Iryo vuriro ryarateye imbere ubu ni ibitaro bikuru. Iryo shure naryo ryarateye imbere ubu ni ishure nkuru. Mu mwaka wa 1959, ishengero ryariciyemwo amacakubiri, riragabanuka mu bitigiri kubera ikibazo c'ukunywa umutobe w'ibitoke canke w'amahonda. Bavuga ko abakristo badakwiye kunywa iyi mitobe. Abagumye banywa baritandukanije n'ishengero bamwe baja mu kaborerwe, abandi barongora abagore bandi.

Mu ntango z'umwaka wa 1970 habaye ikanguro mw'ishure ya Bibiliya i Mweya. Abanyeshure b'iyo shure bagiye mu mihana bavuga ubutumwa abantu benshi barihana, abasubiye inyuma baragaruka kuri Kristo.

Aba Anglicane batanguje amamisiyoni yabo i Buhiga n'i Matana mu myaka ya 1935. Ishengero rya Anglicane ryarafashije cane ugukura kw'amashengero y'abaporoti.
Umuryango wa Guillebaud w'abamisiyoneri bava mu gihugu c'Ubwongereza, bakoze igikorwa gihambaye cane mu guhindura Bibiliya mu rurimi rw'ikirundi. Umufasha wa Guillebaud yabandanije iki gikorwa cari catanguwe na se wiwe, atarapfa. Uyu muryango wari uri mw'ikanguro ryari rizananye mu Rwanda no mu buseruko bwa Afrika. Iri kanguro ryavyuwe n'uguserangura Bibiliya hamwe no gusenga. Umwe mu barongozi babaye muri iri kanguro ni Blasio Kigozi, avuka mu gihugu c'Ubuganda, yakorana n'ishirahamwe rya Anglicane ryitwa C.M.S (Church Mission Society) . Umukozi w'Imana yitwa Yohani yanditse avuga ko ikanguro ryatanguriye muri Blasio rica risanzara i Kabale. Amaze gupfa rica rirakwira mu Buganda no mu Rwanda.

Aba misiyoneri b'Abapentekoti b'Abasweda bashitse muri Kongo mu mwaka wa 1921. Baje mu Burundi mu mwaka wa 1935 bashikira mu ntara ya Bururi. Mu myaka cumi yakurikiye baza bamaze gushika mu ntara zose z'Uburundi.

Abamisiyoneri b'Aba methodistes Unies baje mu Burundi batumiwe n'Aba Methodiste Libre ngo babafashe gukorera mu ntara bari bahawe kuvugamwo ubutumwa bwiza. Baca bafata igice ca Rutana na Cankuzo. Mu myaka ya 1937, ugukura kw'amashengero n'igikora c'abamisiyoni vyari birongowe n'umu Methodiste Libre Rev.John Wesley Haley bo n'umu Methodiste Unie Rev.Virgil Kirkpatrick.

<u>Menya Neza</u>:
Ico gihe ishengero Methodiste Unie ryitwa Ishengero Mvugabutumwa mw'isi (World Gospel Church). Muri iyi myaka iheze niho ku burongozi bwa Musenyeri NDORICIMPA, bahitamwo guhindura izina rica ryitwa Methodiste Unie.

Amashengero Methodiste Libre, Abagenzi, na Methodiste Unies yakoreye hamwe imigambi myinshi. Twovuga nk'i Mweya ko harangurirwa imigambi itandukanye y'aya mashengero.

Mu ntumbero yo kuvuga ubutumwa mu Burundi bwose, MU MWAKA WA 1935, amashengero atanu( Methodiste Libre, Anglicane, Baptiste, Methodiste Unie, Abagenzi) yaragabuye intara z'Uburundi akorereramwo.

Muri ico gihe hari amashengero abiri atemeye kugira urunani n'ayandi, ayo yari Adventiste yakorera i Bubanza na Pentekoti yakorera i Bururi.

Mu myaka ya 1940 gushika 1972, ishengero mu Burundi ryarongereje ibitigiri cane. Mbega ni ibiki bituma ishengero rirwira? Reka twumve ico Rev. Donald Hohensee, umumisiyoneri yakoreye i Kayero mw'Ishengero Methodiste Unie atubarira:

- Ishengero rikura iyo rifise ibibanza vyinshi vyo gusengeramwo, hako rigira ibibanza binini bike.
- Ishengero rikura iyo ubutumwa bw'ubushobozi buvugwa, maze abantu baboshwe n'impwemu mbi bakabohoka. Ibi vyarabonetse mu mashengero ya Pentekoti aho bitaho gusengera abarwaye, gusenda abadayimoni, maze abantu barongerekanye mu mashengero yabo.
- Ishengero rirwira igihe intwaro zishigikiye amashengero agakorana umwidegemvyo. Ariko si vyiza ko intwaro zitanguza amashengero kuko yoca akorera intwaro.

Ku bijanye n'umuvyuro w'ishengero, uwitwa Roy E. Shearer yerekanye mu gitabo ciwe <u>Wildfire: Church growth in Korea</u> ko umuvyuro w'ishengero werekanwa n'ugusohoka mu batarakizwa kujanayo ubutumwa bwiza. Umuvyuro usunikira abizera mu batarizera Yesu ngo nabo bamwizere.

14.2. Intahe ya INANSIGAYE Doroteya

Kw'igenekerezo rya 8/1/2010, twavuganye n'umukurambere yabaye mw'ikanguro ryabaye mu mwaka wa 1925 i Gahini mu Rwanda. Uyu ni umutamakazi yitwa INANSIGAYE Doroteya, umufasha w'umupasitori yitwa RUTWE, yitavye Imana mu mwaka wa 1985. Uyu mutamakazi, yambariye amakuru ahimbaye cane.

Yavutse nko mu myaka ya 1920, mu gihugu c'Urwanda. Mu mwaka wa 1925, yari umwana yabonye abamisiyomeri b'ishengero rya Anglikane, abo bamwe bita abasamwesi, bigisha ijambo ry'Imana i Gahini. Niho abantu batangura kwihana barira cane, bakatura ivyaha vyabo imbere y'ishengero. Abasuma bagasubiza ivyo bivye. Abandi nabo batarizera bakaza bavuye mu mihana, bavuga ivyo beretswe mw'ijoro, baza kwihana. Ico gihe bariko barasenga ubushobozi bwa Mpwemu Yera bwarabamanukira bose bakavugishwa n'inkomezi nyinshi, kurya tubisoma mu gitabo c'Ivyakozwe n'intumwa. Uwo muriro utuma abantu babatazira « Abaka ». Baciye batwara ubutumwa mu Burundi, mu Rwanda no muri Tanzaniya. Irindi zina babita ni « Abarokore ».
Abantu bari muri iryo kanguro barasangira ivyabo. Uyu mutamakazi yambariye ko bagenda n'amaguru. Ati na Musenyeri SINDAMUKA, yari arongoye Diyoseze Matana, aheruka kwitaba Imana, yahora agenda i Kabale ( muri Uganda ) n'amaguru kuvuga ubutumwa. Abantu baraza gusengerwa bagakira ingwara. Abaza kurorera mu bikorane vyo mw'ijoro barwaye abadayimoni, barafatwa bakabohoka. Doroteya rero yaba hafi y'i Gahini ahitwa i Kigeme. Mu mwaka wa 1938, yagize umuhamagaro wo kujana ubutumwa mu yandi mahanga, ni ho yaza mu Burundi, ashikira i Matana, yigisha abana. Umushingantahe wiwe RUTWE, nawe yahamagawe ngo akorere Imana muri iyo myaka mu buryo butangaje. Bubakanye mu mwaka wa 1949.

RUTWE yakiriye agakiza mu bitangaza. Umusi umwe yari ashoye amavuta, aca ahantu bariko barigisha kwandika, yumva arabikunze. Bukeye araza, maze atashe afatwa n'ubushobozi bwa Mpwemu Yera, aravugishwa, aca abwirwa kuja i Matana, ni ko kuja ku gasozi i Sakinyonga, atangura kuvuga ubutumwa abantu barihana. Abarongozi b'ishengero baramubaza uwamutumye ivyo bikorwa ati: "Ni Imana"! Igihe kimwe haba igikorane asaba kugira ico avuze, yari yambaye umutamana gusa ucafuye. Arahaguruka ati: "Umwe atigeze kumenya icaha, Imana yamuhinduye icaha kubwacu, kugirango muri we duhinduke ukugororoka kw'Imana" ( 2 Ab'i Korinto 5:21 ). Abari aho bose baratangara, baca bafata iryo jambo nk'urufatiro rw'igikorane, abantu benshi barihana. Igikorane giheze, baramwambika impuzu, baramutoranya aba umuvugabutumwa w'ishengero.

Imbere y'umwaka wa 1962, umuryango wa RUTWE wari watumwe kurongora ishengero ry'i Bitezi. Mu mwaka wa 1962, niho umupasitori wo mu Bwongereza yaza mu Burundi, ashika i Matana, ababwira ko Imana yamubariye ko batanguza ishengero rya Anglikana i Bujumbura, kandi ko batuma RUTWE. Ico gihe RUTWE,

yatanguye gukekeranya kuko atize, ata giswahiri azi,...Ariko amaze gusenga Imana aremezwa, araza agura inzu kw'ibarabara rya gatatu, mu Bwiza i Bujumbura. Aho niho yaba atangura kuhagirira ibikorane. Maze mu kwezi kw'icumi na Kabiri mu mwaka wa 1962, umuryango wiwe urimuka, n'abana bato, n'umugore, n'inka. Abantu barabatwenze cane. RUTWE ashitse i Bujumbura agira ikiganza ciza atanguza amashengero menshi ya Anglikane y'i Bujumbura nko mu Nyakabiga, Ngagara, Rohero, Musaga, n'ahandi. RUTWE yaratumirwa n'ayandi mashengero akavuga ubutumwa. Aha twovuga nk'ishengero rya Pentekoti ryo ku Ntahangwa, i Kiremba mu bikorane. Uyu mutambukanyi wiwe yambariye ko hari igihe bahora bavyuka isaha munani z'ijoro gusenga. Ico gihe niho RUTWE yagenda kwiga Bibiliya hanyuma atoranywa kuzohora ashikiriza ubutumwa kw'iradiyo Korodake ku musi wa mungu mu gitondo. Yarongeye ambarira ko hari abantu baza imuhira kwihana kuko bumvise ubutumwa bwiwe kuri iryo radiyo. Ikindi ngo ni uko imbere y'uko intambara yo muri 1972 itera, habaye ikanguro abantu barihana kuko bari baburiwe ko himirije intambara. Yambariye ko urwaruka rwinshi rwapfuye mu mwaka wa 1972, i Kiremba, i Mweya, bagiye mw'ijuru, ati tuzobasangayo ni twaba abizigirwa !
Iyindi myaka yabayemwo ikanguro ni iyo muri 1978, aho abantu bagenda ingendo ndende n'amaguru baririmba mu bushobozi bwa Mpwemu Yera, bavuga ubutumwa, abantu benshi barihana. Ico gihe abakozi b'Imana tubona barongoye amashengero muri iyi myaka ya 2000, ni ho bihana, bitaba umuhamagaro. Aha twovuga abakozi b'Imana babaye muri iryo kanguro, nka RUTAYISIRE Esron, arongoye ishengero ry'Umwungere mwiza mu Burundi, NIYONZIMA David, umupasitori wo mw'ishengero ry'abagenzi, arongoye ishirahamwe ryo kuvura abahahamutse (THARS).

**Gusozera**

Mwene Data uriko urasoma ibi, urunganwe rwose rufise umwanya warwo wo gukora. Abo twumvise bakoze mu gihe cabo, mu bwizigirwa, basozera amahoro. Kumbure nawe Imana iriko iraguhamagara ngo uyikorere. Ni witabe umuhamagaro w'Imana kugira ngo ubuzima bwawe bwame ivyamwa bihoraho. Wibuke ko tutiganza, Kristo yaducunguye ngo tumwegukire rwose.

Turabonye ko Kahise k'ishengero atari ak'inyubako nziza, ariko ari ak'abantu bubashe Imana bakoreshwa n'Imana ivy'ubuhizi mw'ishengero ry'Imana. Mbega uyu musi wopfa, ishengero hari ico woba urisigiye? Urunganwe rukurikira hari ico rwokwigirako ? Ibi bidusaba kumenya ico Imana itugombako no gutanga ikiguzi gikenewe ngo tugikore, tugishitse.

Turi mu kinjana giteye imbere mu bwenge, mu butunzi, ariko cononekaye mu nyifato. Turakeneye ikanguro. Gukorera Imana muri uru runganwe bisaba kwiga, ariko kandi birasaba ubushobozi bwa Mpwemu Yera, bwo bushika aho ubushakashatsi budashika. Isi ya none irarushe, Yesu ni we aruhura abarushe. Ijambo ry'Imana nta na kimwe gishobora kurisubirira kuko niryo ritwereka uko tubaho tunezereza uwaturemye. Ni iteka gukorana n'Imana muri uru runganwe rukerebutse, ruciye ubwenge, urwo Yesu yapfiriye! Ikanguro ry'uru runganwe rishobora kuzobonekamwo ibirengeye ivy'urundi runganwe rwose, kuko urw'uyu musi rufise ibakwe ryo kwigira ku bintu vyinshi birukikije ( uburyo bwo gutumatumanako amakuru, uburyo bwo kwiyunguruza, intahe z'abandi, ibitabo, ibitabo bisobanura Bibiliya,… ).

**Ibibazo vyo Kwisuzuma**

1. Vuga akamaro ko kwiga kahise k'ishengero.
2. Vuga ibintu vyaranze ubuzima bwa Paulo mu myaka cumi yiwe ya nyuma ( 53-64).
3. Vuga ivyatumye ishengero rirwira n'aho ryariko rirahamwa.
4. Ni ikihe cigwa cavuye mu ntambara zabaye hagati y'amadini?
5. Vuga ico uzi kuri aba bantu: - John Wycliffe - Tindale (Tyndale)
   - William J. Seymour.
6. Vuga ibintu bitatu vyerekanye ko inagurwa ryari rikenewe.
7. Vuga ikintu Luteri yahishuriwe camutumye atandukana na Katolika.
8. Vuga itandukaniro ry'ivyizerwa hagati y'Abaporoti n'Abakatolika.

9. Erekana amahinyu yabonetse mw'ivugabutumwa ry'Abamisiyoneri baje muri Afrika.
10. Vuga ibintu bitatu biranga ugukura kw'ishengero.
11. Vuga imigwi y'uburongozi bw'amashengero (erekana intege nke n'inkomezi z'umugwi umwe umwe).
12. Dondagura ibintu bitanu biranga abapentekoti.
13. Vuga intahe woba uzi ijanye na kahise k'ishengero ryo mu Burundi itavuzwe muri iki cigwa.
14. Umaze kwumva kahise k'ishengero, ni uwuhe mutwaro twosengera ngo ubuzima bw'ishengero ryo mu Burundi bumere neza?
15. Vuga ingaruka iri mu gihe uburongozi bw'igihugu bwivanze mu burongozi bw'ishengero.

**Ibitabo vyaseranguwe**


- Church History I, of Glad Tidings Bible College, Kampala-Uganda, 2004-2005.

- Church History II, of Glad Tidings Bible College, Kampala-Uganda, 2004-2005.

- L'Eglise : De la Reforme à Aujourd'hui, Manuel d'Etudes par Donald . Smeeton, Global University. Traduit de l'Anglais, deuxième édition, 1996.

- Church Growth in Burundi, Donald Hohensee, William Carey Library 1977.

- Ikiganiro n'umukurambere INANSIGAYE Doroteya ( Umutambukanyi w'umuhisi Pasitori RUTWE